# Izamurwa

Yuma, Arizona, USA

04 Kigarama 1965

1 ...ishami rya hano i—i Yuma, n'iteka rikomeye kuba naronseubu butumire bwo kwongera kugaruka. Twaraguze ibihe vyiza cane ubuheruka,ngaha. Rero, igihe namenya ko mbwirizwa kugaruka, vyaratumye niyumva neza pe,kwumva intahe n'aya majambo meza abantu bavuga hariho ukuntu birakaburana gato.

2 Billy yambwiye kowa Mwene Data ava i Las Vegas, yashaka igikorane kw' ishami rya hariya, uceumuraba igikorane kikirangira hano. Turafise umwana, niko yavuze, twoshoboragucishamwo, neza na neza inyuma muri Nzero, imbere y' igikorane c'i Phoenix,murabona, tukaza i Las Vegas. Kandi rero twamye twipfuza kuhashika.

Ndibaza ko mweneData Art Wilson ariyo yahora, haraciye igihekitari gito, canke arishobora kuba ariyo akiri. Kandi ya—yaransavye ko nogenda,we na mukiwe. Sinabironkeye akaryo, kumbure rero ko iki arico gihe nzoshoborakuza.

Uraraba BillyPaul gusa canke mweneData Roy Borders. Ndibaza ko ari ahantu kanaka hano. Hariuwavuze ko mweneData Roy yari aha munzu. Mwene Data Pearry, Lee canke uwo ariwewese muri bo, baraza gushobora kubikubwira. Udutunganirize amatariki gusatwozirako.

3 Rero, nabonyeabavugabutumwa benshi hano, mu kanya gaheze, kubw' ivyo ndanezerewe cane guhuran' abavukanye banje. Ese iyo mba nfise umwanya, tugatahana kuko ndazi mufiseinteko ya mbere nziza mu gihugu. Ivyo ni vyiza.

Kandi rero, irijoro, Mwene Data Pearry afise ibintu bibiri bimuraba koko. Afise amakosa abiriamwagira kano kanya. Rimwe muri ayo n' ukuba yaciye irya mikorofone harya.Igihe, u—uragiriwe n' ico, Mwene DataPearry. Sinibaza ko vyari bikwagira vy' ukuri. Ariko wa... Hari umuntu yagiraavuge. Ako kari nyako.

Maze hanyuma,yaciye aja aho hanze kandi yariko araganira. Yavuze ati: "Mbwira!" YabwiramweneData Collins canke umwe muri bo. Ati: "Ibifungurwa vyo mw' ijoro vyariviryoshe. Ariko" avuga ati: "Ndakubwire," avuga ati "urya mugabo ategerezwakuba ari umunyesupanye canke ikintu nk' ico, canke umunyamegizike. Nta piripiriibaba nk' irya nari bwigere shira mu kanwa." Arakomeza aravuga bene ukwo, ahorero yariko abwira umurongozi.

Aca avuga ati: "Ji jewe murongozi."

Iyo ni yo Texas,kubwanyu [Mwene Data Pearry Green yava muri reta ya Texas—Umus.] Tuzomugorora,ng'aha muri Arizona, inyuma y'igihe gito (si vyo?), niyaguma impande yacu.

Kuba hanobirahimbaye kuba pe! Kandi nizere ko ivyo bitumvikana nk' ibitebu ariko ko ariugutwenza. Erega n' Umwami ubwiWe Yari afise akantu ko gutwenza abantu. YavuzeAti "'Herod', genda mumbwire iyo mbwebwe," murabona, "uyu musi ndi—ndirukanaabadayimoni; ejo nzotunganywa." Rero, Yari Afise akantu ko gutwenza abantu. N'uko, ntibidutsitaza, sindavyibaza, rimwe rimwe.

4 Ubu rero,twacerewe gato. Kandi, mvu—mvuga Ubutumwa nk' amasaha ane. Rero, kuko nziuburwaneza bwa mweneData na mushikiwacu ba hano, iri mw' ishami ryino, turazakubugabanya cane, kuri uyu mugoroba. Maze bu... Nabwiye Terry. Navuze nti...

Yavuze ati "Nshiremwo iyihe...ngire ibande y' amasahaabiri?"

Nti "Oya, Terry.Uru n' urubanza rwo gufungurira hamwe." Nagize nti "nk' iminota mirongo itatucanke mirongo ine, mbwire abantu ikintu kanaka." Ivyo, ndabigerageza, naho biriukwo, buri gihe, mba ndabizi.

5 Igihe nariumuhungu muto, abantu barakunda kuza kwumviriza kuko nari umuvugabutumwa w'umuhungu, akiri umusore, umuyabaga. Maze bakavuga bati "Emwe, Billy Branham,murazi, n' umwana, atamashuri yigeze ajamwo, kandi ntiyize." Maze bakazakwumviriza amajambo yanje adatondtse neza, ca congereza canje c' i Kentucky,maze—maze rero baka... Za hits na haints na totes na carry zanje [Ayon'amajambo y' icongereza avuzwe mu bryo butaryohoye. —Umus.]

Nko mugikorane kimwe hano mu misi iheze bavuze ngo"Duhaguruke twese turirimbe ururirimbo ruhayagiza igihugu."

Naciye mpagurukamvuga nti "Kubw'i Kentucky iwacu, hariya kure."Ico nico gihugu conyene narinzi, urwo rero nirwo ruririmbo ruhayagiza igihugu, kubwanje.

6 N'uko rero, umazegusaza, ukwo biri kwose, emwe, tu...muraza, bigusaba kuronka ikintu urenzako.Murabona ? Dufate...Paul yavuze ngo "Nkiri umwana navuga rwana, nkiyumvirarwana." Urakora rwana. Ariko ukwo ukura, uca utangura, ugahera k' uguteraintambwe zibiri, ugaca udandabagirana ukagwa, hama ugahaguruka ugasubirakugerageza kandi. Maze, haciye igihe, usigara ushobora kugendera kumurongougororotse. Kandi ico nico dutegerezwa gukora, nk' abasoda b' umusaraba. Ubun'igihe co gutambuka kumurongo ugororotse, turamiriza muri rya barabara rikururija mu Bwiza.

7 Ndizera ko turikoturaba mubiringo biheraheza ukubaho kw' iyi si. Vy'ukuri ndizera ko ukuza kw'Umwami kuri hafi, kumbure, kuruta uko tuvyiyumvira. Ubu rero, nko muminotamirongo itatu gusa yo mu mwanya wanyu, canke umwanya kanaka, ndipfuza kuberekaicanditswe nipfuza gukoresha nk' igisomwa, maze—maze nishimikize n'ibindi nfisehano. Na...

Ejobundi nicaye muhira, nariko ndibaza kuri iki ciyumviro.Maze nca niyumvira nti "Emwe, sinzi ingene novuga kuri ibi vyanditse vyose.Nzotoramwo igice kimwe cavyo gusa, kandi mubikorane bito, bigufi nk' ico twaridufise uyu mugoroba." Ndipfuza kuvuga ikintu kimwe, mu gihe murikomurazingurura muri Zaburi. I—iya mbere...Zaburi ya 27, nipfuza imirongo itanuyambere, niho nsoma.

8 Nipfuza kuvugaibi, kuvyerekeye aya mashami y'ihuriro ry' abadandaza b' abakristo bizeyeInkuri Nziza Yuzuye.

MweneData wanje Pearry yariko aravuga ku bitabu, n' ibindi,hamwe n' ibitanu bishasha bafise. Ni bangahe bibuka ya bande, kandi ubwobutumwa nabuvugiye aho hirya i Phoenix muri rimwe mumahuriro, bwa Bashingatahe,n' igihe ki? Rero, iyo niyo yari intangoy' ico gitabu, murabona, igihe ba...ivyo vyarabaye.

Hari ivyemezo vy'indengakamere vyishi cane, vyemeza Ijambo ry' Imana Ryanditse, Rya kino gihe,kuburyo hategerezwa kuba hari ikintu kiriko kiregereza ubu. Turigusa...Biragaragara cane. Ibintu mu...Vyoba akumiza, kuri mwebwe, kumenya gusaibiriko birashika vy' ukuri. Benshi muri mwebwe, bashasha, kumbure, murumva abobagabo bahaguruka bakavuga—bakavuga ivy "Ubutumwa bwa kino gihe", n' ibindi.Ico baba nashaka kuvuga n' isezerano ry' Imana rya kino gihe, ivyo Yasezeranyeko Yokoze. Kandi TukaYibona Ishingira intahe, bijanye n' ivyanditse, ivyoYokoze neza na neza, kwakundi nyene. Bikavugwa imbere y'igihe, maze bikadomakoneza na neza mu buryo butunganye, buri gihe, kuko ari Imana Yari Yabivuze.

9 Umuntu, naho yobaari nde, akagerageza kuvuga ibintu nk' ivyo bitaraba, yoba afise amahirwe yarimwe ku miriyoni cumi. Umuntu akubwiye ko ikintu kanaka coshitse, koco—coshitse umwanya kanaka; n' amahirwe ya rimwe ku miriyoni cumi. Hanyuma rerekuvuga ikibanza vyobereyemwo, aho yoba ari amahirwe nk' aya rimwe ku miriyoniijana.

Maze rero kuvuga n' umwanya vyobereyeko, ukabandanya gutyogutyo, n' ukuntu bizogenda, n' ikizoba kiriko kiraba, n' ibindi, birarenze ivyogutomboza. Mugihe tubibona bishika mu buryo butunganye cane, buri gihe coserero n' Imana.

Maze tugaca duhindukirira Ivyanditse ubwo nyene. Birashoborakuba ibitamenyerewe kuri twebwe. Ariko tugahindukirira Ivyanditse ubwo nyene,tutanazi n' aho turonderera, maze Mpwemu Yera Agaca Abizana maze AgacaAfataniriza hamwe Ijambo Ryose, Akabigira igicapo ngaho kitwereka nez na nezaisaha turiko turabamwo. Turiko turahindura ubugabuzi.

10 Turi—turi kunfuruka. Biroroshe iyo umuntu yakase infuruka, mu kwubaka n' amatafari, iyoinfuruka yashizweho. Gutangura, umuntuashira itafari kurindi kumurongo umwe, nk' ukuntu idini kanaka ritangura,rigatangura ryubaka kumurongo, ngorane ibamwo. Yamara, iyo ugeze kuri izonfuruka, aho utegerezwa gukata ukaraba kurundi ruhande!

Ubu rero, Imana ntiriko Irubaka uruhome. Iriko Yubaka inzu,murabona kandi hari infuruka nyishi Yavuze imbere y'igihe ko zobayeho hano muriBibiliya. Kandi infuruka, umuntu wese yoshobora kugerageza gushiraho infuruka,ariko Itegerezwa kuba ihuye n'igicapo ngenderwako c' inzu. Atari uko,Itegerezwa kubomorwa.

11 N' uko turahimbazaImana kubw' ubug'rwaneza bwaYo, n' isangira ryantu bantu mwe, hamwe n'imiryango Umwami Yaduhaye, biciye no muri aba badandaza.

Namye ngwana nte—ntizera...Ndizera abantu bari mumadini.Yamara ntamwanya munini nfise wo guhanura amadini, kuko rimwe ryose ryubakaigihome kirikikuje.

Kandi—kandink'uko, nibaza ko bisa n'agakuru ka mweneData David, k' ukuntu yari yororaimbata, maze uruzi ruca ruruzura. Maze buri mbata, murazi, zari zifuzakugiranira isangira n'izindi, ariko ntivyazikundira kuko zari zizitiriye. Arikoigihe amazi yaduga hejuru cane, yaciye atuma imbata zireremba zirasohoka zivamw'idunda.

N'uko ni—niyumvira ko ariko bikwiye kugenda. Ukuntu amaziariko araduga, murabona, maze tugashobora kuva mw' idunda hama—hamatukagiriranira isangira hagati yacu, murazi, tukagira urukundo nyarwo rwaKristo mu mitima yacu.

12 Kandi ababadandaza bizeye Ubutumwa bwiza bwuzuye bambereye i—iriba mubugaragwa. Kukokenshi...Ndafise benedeData beza, nibaza, mumadini yose tumaze guhura :

Abaperesibiteriyani, abaruteriyani, ababarisita,abapentekoti, ubwoko butandukanye bwose bw'

abapentekoti, abo mw'idini ry'ishengero ry' Imana, abanazareyani, ingezi z' ubutagatitifu. BeneData beza,hose. Yamara, kenshi, ntibashobora kunyakira iwabo, kubera, murabona, atar' ukobatavyizera, ariko, murabona, vyoca bibatandukanya n'idini ryabo. Kandi iyoubikoze, ata nkeka, bi—bica bigenda gutyo.

Hano, ntagihekihaciye, hari mweneData w' umumetodisiti yanjeko, sinza kumuvuga izina. Umuntumwiza, yariko arandika igitabu co giheza amashure ku bijanye no gukira indwaramu buryo bwa kimana, aca aza iwanje ngo—ngo tuganire. Twaricaye tuyaga akanyagato. Aca avuga ati "Ikintu kimwe tukwankira n'uko uguma i ruhande y'abapentekoti umwanya wose."

Nca mvuga nti "Rero, ishengero rya Metodisiti niribiate mumugongo.Nzoca nza."

Ivyo vyari ibindi. Murabona? Ya—ciye avuga ati "Emwe, atankeka si—sindi ishengero Metodisiti. Nd' umunywanyi wabo gusa "

Nti "Niko biri. Urabona?Nibo gusa, abapentekoti, nibo gusa bugurura imiryango. Urabona? Nibo nshoboragushikira. Kandi abo bose bazugurura, basha, turiteguye kwinjira."

Nko mu Vyahishuwe igice ca 3, havuze ngo "Ehe mpagaze kurugi, ndaramukije. Umuntu ni yumva ijwi ryanje, akugurura urugi, ndinjira i we,dusangire." Uwo naWe Yari Yesu. Twese turazi ko Yari Kristo, kandi We n'Ijambo. Nivyo. NiWe Jambo.

13 N' uko reroabadandaza b'abakristo bizeye Ubutumwa bwiza bwuzuye bambereye iriba mubugaragwa aho dushobora guhurira. Nta shengero ririko rirabifata mumugongo.Bose hamwe, a—abantu baturuka mumashengero, maze tukaza hamwe tukagiraisangira, tuvuye hafi mumpande zose y' isi.

Kandi narafashijegushiraho amashami menshi, menshi, menshi hirya no hino, mw' isi yose, amashamiy' abadandaza bizeye Ubutumwa bwiza bwuzuye. Ndakenguruka ayo mahirwe nahawe.Aho, abadandaza baca babifata mumugongo. Hanyuma, amashengero yose, a—ashakakuzamwo, naho biri ukwo.

Ariko rero, iyaba...Sinipfuza kwigera ngerageza gukwegaumuntu ndamukura mw' ishengero ryiwe. Niwigumire mw' ishero ryawe mazeukwiragize Umuco. Murabona? Ube umukristo nyawe. Umwungere wawe azogushima.Umutagatifu w' ukuri nyawe, w' inyankamugayo, umuntu wese yizeye Imana yoshimaumuntu nk' uyo. Egome.

Rero ndashimiyeuyu mweneData n' umugore wiwe, hamwe n' ishami rya hano, kubw'aka karyo. Eseiri shami ryokura. Ese Imihezagiro y' Imana yoba kuriryo, rikaba igikoresho muKuboko kw' Imana, co gukiza amajana n' amajana y' abantu imbere yo kugarukakw'Umwami; kandi namwe mwese mashami yandi nako baserukizi b' amashami murihano.

14 Mugitabu caZaburi, rero, ngira nigishe ku mu—mutwe w' amajambo utamenyerewe, kuri uyu mugoroba, mu mwanyamuto gusa. Ndafise imirongo nanditse hano. Kandi—kandi nibajije ko kumbure, uyumugoroba, nari kwigisha kukindi kintu. Yamara, murabona, umwanya wagiye, maze,nkaba ntinipfuje kubagumya umwanya munini, rero naciye nzigurura aha gusa, ncanongerako iyindi mirongo. Kandi nshaka kwigisha ku cigwa citwa: Izamurwa. Murabona?

Rero, turizera kohazobaho izamurwa. Abakristo bose baravyizera, n' ukuvuga abasomyi ba Bibiliya,barizera ko hazobaho izamurwa.

15 Ubu rero mu gusomakubw' icishimikizo, turasoma Zaburi ya 25. Nashaka kuvuga...mumbabarire. Zaburiya 27, imirongo yo kuva wa 1 gushika kuwa 5.

_Uhoraho ni we mucowanje n'agakiza kanje: nzotinya nde?

Uhoraho ni we gihome gikingira ubugingo bwanje, ni ndeazonca ivutu?

Hamwe inkozi z'ibibi zari zinziye ngo zirye inyama zanje,

Ni bo barwanizi banje n'ababisha banje,baratsitaye, baratemba.

Nah' ingabo zosagaza ngo zintere,

Umutima wanje ntiwotinya;

Nah' intambara yovyuka ikandwanya,

No muri yo norema.

Ico nsaba Uhoraho nikimwe, ni co nzohora nitwaririka:

N'ukuba mu ngoro y'Uhoraho imisi yose y'ubugingo bwanje,

Nkaraba ubwiza bw'Uhoraho, nkihweza urusengero rwiwe.

Kuko ku musiw'amagorwa azonzigama akampisha mw ihema ryiwe,

Mu bwigobeko bwo mw ihema ryiwe ni ho azompisha;

Azonshira hejuru, ampagarike ku gitandara.

Umwami Yongere Imihezagiro kuri ukwo gusomwa kw'IjamboryiWe.

16 Rero, uyu musimukuvuga kuri uyu mutwe w'amajambo, kandi rero bamwe muri mwebwe barashoborakunyuranya nanje i—inzira nfata. Yamara ni bangahe hano bizeye ko Bibiliyayigisha ko hazobaho izamurwa ry' Ishengero? [Ikoraniro rivuze riti"Amen."—Umwand.] Ego, cane. Nivyo, neza na neza ukunyakurwa kw' Ishengero. Wabaumumetodisiti, umubatisiti, umuperesibiteriyani, canke uwo uri wese, wabaumupentekoti, hazobaho ukunyakurwa.

Kandi nibaza ko,mukuvuga Ubutumwa, si—singerageza gusa kuduga hano kuvuga ikintu nibaza kocoryohera abantu. Ico ntikirigera kinyagira. Nipfuza kuduga hano nkavuga ikintuuko numva ndongowe, ico nibaza ko cogira ico kibafashije, ikintu coshiboraguteza intambwe ivyo wacishijwemwo n' Imana, niba uri umukristo; utariumukristo naho, kikagutuma witera isoni, gushika aho ucika umukristo. Kandiniyo ntumbero namye ngerageza gutumberezako ivyiyumviro vyanje, nk' uko UmwamiAba Andongoye.

17 Rero,turagabishwa, ko Iyi Nyigisho mumisi yanyuma Izoshinyagurirwa. Munkundiretubisome ubu nyene, mubangire gatoyi. Biri muri Petero wa kabiri, igice ca 3.Dusome gato ngaha. Igice ca 3 umurongo wa 3 n' uwa 4. Turabe ko ariho.

irya mbere mukwiyekumenya n'uko mu misi y'iherezo hazoza abacokoranyi bacokorana, bakurikiraukwifuza kwabo, babaza, bat' Isezerano ryo kuza kwiwe riri hehe se? Kuk'uhereye aho ba sogokuruza basinziririye, vyose bihora uko vyamye, uhereye kukuremwa kw'isi.

Kuko biyobagizaibigirankana yuko kera har' amajuru, n'isi yakuwe mu mazi n'ijambo ry'Imana,rikayirema mu mazi. Ivyo vyatumye isiya kera amazi ayirengera, iratikira:

18 Ubu turabinye ko,igituma iki kintu kigirwa gito cane, ni kubera umuvugishwa yavuze ko muri misiyanyuma abo bacokoranyi boje bavuga ivyo ukwo. Murabona? Vyari vyaravuzweimbere y'igihe, igituma abantu bagira nk' ivyo bagira uyu musi. Emwe, ata nkekamuravyiteze kuko, kuko Bibiliya yabivuze. "Mumisi yanyuma, bazoba ibirandamuke,abikakisha, bakunda ibibahimbara bakabirutisha Imana; banka kwuzura,barementanya, batigarura, badakunda ivyiza, bafise ishusho yo kwubaha Imana,ariko bakanka ubushobozi bwakwo: abameze batyo wame ubatera ibitugu." Mbegaturashobora kwitega kubona abigana Ukuri? Ata nkeka.

19 Igihe Moseyamanuka muri Egiputa, kubohora abana ba Isirayeli, yitwaje inkoni yonyenemukiganza c' iwe, nk' icemezo, hamwe n' Imana yo mw' ijuru Imushigikiye,yarakoze igitangaza. Haciye haza abiganyi inyuma yiwe, maze bakora cokimwen'ivyo yakoze. Murabona? Bo, baje ubwa kabiri, yamaze kubikora ubwa mbere. Mazebaca baza munyuma, kuko bakoporora ivyo yakoze, mukwigana ico kunkomoko. Ivyoturabibona.

Kandi aho,muvuga muti "Emwe, aho hari mugihe ca Mose."

Yamara ico canditse nyene kivuga ko bazoza ubugira kandi mumisi y'iherezo. "Nk' uko Yambure na Yane barwanije Mose, niko abo bagabobononekaye ubwenge bazorwanya Ukuri." Murabona?

Ukwigana, ibintu vy' ubwoko bwose kugira badurumbanyeabantu. Maze rero mugihe...

Iri zamurwa rigiyekuba, n'ikintu cose Imana Ifise mu murongo w' Ijambo ryaYo, hama hariho ikintuco kuza kuKidurumbanya iyo bikunze. Ni-ni-n' intumbero ya Satani gukora ivyo.

Nk' uko uyumweneData, wo mugikorane c' i Las Vegas yavuze "Satani yavuze ko isi ariinganji yiwe, maze—maze hariya hakaba umurwa mukuru wiwe."

Ndazi ko Satani ariwe mana y' ino si.Buri gihucu kiri musi y' ijuru kigenzurwa nawe. Neza na neza. Iyi si yegukiraSatani, ariko Yesu Azoyigarurira. Umusi umwe yarayiMuhaye. Ariko Yarayanse,ariko, Avuga Ati...kuko Yari Azi ko Azoyirarwa mubihe bigiye kuza.

20 "Abacokoranyi." Reka dufate gusaakanya gatoyi kuri iryo jambo, imbere yo gutera intambwe. Abacokoranyi !

Nariko ndasoma ikinyamakuru, haciye nk'indwi zibiri, i Tucson, aho abongereza bamwe bo mu bwongereza bashikirijeikintu. Biri mumajambo y'umutwe mubinyamakuru. Ngo ko ukubambwa kw' Umwami YesuKristo kwabaye ukwo kwigirisha gusa, hagati ya Pilato na Yesu, ngo ko Yaje gusakwigira...kugira gusa yigire agahambaye. Kandi ntaburyo na bumwe twobabeshuzaivyo, kuko Ivy' Imana vyose

bitegerezwa kwakirwa biciye mu kwizera. Dutegerezwakuvyizera. Rero, yaciye ajako arerekana ingene ivyo vyashobora gukorwa.

21 Hanontagihe kihaciye, muri ico gihugu gihambaye, i Londere mu Bwongereza nako, ahoYohani Wesley, na Karori na benshi bo muri abo bavugabutulwa bakomeye bo mumisiya kera, ba Spurgeon n'abandi bavuga ubutumwa mumasoko y' ubwatsi bw' inkan'ahantu hose hariya. Barashibuyeubutumwa bw' igihe cabo, nimurabe nabo ivyo barimwo muri iki gihe.

Niho mweneData Williams n' abo bari kumwe bari kuri unomugoroba. Kari mubihugu vyanyuma vyatitutse kurusha ibindi kw' isi. Naragenzeisi ariko ntakintu nzi cataye ikibanza nk Ubwongereza. Ni...Billy Graham naweneyavuze nk' ukwo nyene. Emwe, vyamusavye gukura umugore wiwe mubibanza vyogutembereramwo, kubera ingene i—i—ivy'abagabo n' abagore vyariko biberakumugaragaro mu bibanza vyo gutembereramwo. Igihe nariyo, ntakintu ndigerambona cobabaza umutima w' umuntu kurusha ivyariko biraba mu Bwongereza; ahoharonse amahirwe, igihe kimwe, kandi hari ahambere kw' isi mubugorozi. Ivyovyerekana ingene hashobora kurwa nabi.

39Yamara, murabona, ikibituma, ubutumwa bwaje ico gihe,abongereza bagerageza kugumya ubwo butumwa nyene kubw' uyu musi. Ntibushoboragukora uyu musi. Ntibikunda. Ni gute wo...

22 Vyari kugenda guteiyo Mose yaza, akaza a Ubutumwa bwa Nowa, "Tuzobaza ubwato, duce dusoza kuriNili"? Ntivyari gukunda. Kandi n' Ubutumwa bwa Yesu ntivyari gukunda ko bubabumwe bwa Mose. Kandi ubutumwa bwa Wesley ntibwari gukunda kuri Luther. Cank'ubwa Luther kubwa Wes..., Iki cane kiriya.

Uyu musi naho, twebwe, ubugorozi buhambaye duheruka n'ubwagi pentekoti. Kandi uyu musi, turiko turava muri ivyo. Kandi Ubutumwa bwagipentekoti ntibushobora kuvangana na Buno, kuko n' ikindi gihe. Vyose n'Ijambo ry' Imana, ariko biriko biraduza inyubako. Co kimwe n' ibirenge,amaboko, ukabandanya uduga, biriko bigira Umugeni kubw'izamurwa. Murabona?Ntimwimure bariya bantu hariya inyuma; barabayeho bijanye n' ubutumwa bwabo.Bose bazosohoka, abari bari mu Mugeni.

Nka kurya kw' ubuzima buduga mu mutumba w' urugano. Buva murugano, bukaza mugishishwa, ariko urugano rwibumba nka rwa rutete rw'inganorwari rwaguye mw' ivu.

23 Ntagihe kihaciye,nariko ndasoma igitabu umudagi umwe yanditse, anebagura. Yavuze ati"muba—mubanyakaguma bose bo mw' isi, William Branham niwe aza imbere ya bose."Yavuze ati "Emwe, ntakindi ari atari... N' umunyamareba. Arakora ivyo bintu."Murabona, uwo muntu, atavyo azi.

Hanyuma rero, uwomugabo yari uwunebagura. Ntiyizera n' Imana. Yavuze ati "Imana Yari kwiyicarira muri vya bihe vy' umwiza, Ikazingiraamabako kunda, maze igatwenzwa n' umurundo w' abakristo; bari abavyeyi, n'abigishwa baYo bwite, bitwa ko aribo, abavyeyi bafise abana bato, n' ibindi,hama Ikareka intambwe zikabarya zikabamara; ntIyigere Ihindukize n' ikiganza." Murabonaaho ubwenge bw' umunyamubiri, aho ubumenyi n' ibindi binanirirwa kubitahura?

24 Urutete rw' inganorwabwirizwa kugwa mw' ivu. Neza na neza nk' iko Yesu Yabwirizwa kugwa, kugirango azongere guhaguruka, niko n' ishengero rya Pentekoti ryabwirizwa kurwa.Ryategerezwa kuja mw' ivu, nivyo vyabihe vy'umwiza. Buri rugano ru...Burirutete rugiye mw' ivu, rutegerezwa guca muri ivo gihe c' umwiza, kugira came.

Ariko, rwatanguye kumera biciye muriMaritino Luteri. Rubandanyabiciye kuri Yohani Wesley. Ruserukira muvya gipentekoti. Ubu ruri imbere,kugira rusohoke ruje mu rutete. Kandi ubu imikorere y' ikidini basize, n'ibiganogano, ntakindi. Nivyo guturirwa, imikorere y' ikidini. Yamara uruteterw' ingano nyarwo rwavuye muri buri bugorozi bwose ruzonyakurwa mu Mugeni. Nibose hamwe bazogira Umugeni.

25 Ubu rero dusanga,hariya mu Bwongereza, bariganye ukubambwa, nta gihe kihaciye, umugwi w' abobantu, n'...mirimire, bana n' imishatsi miremire n' ibindi, bagasemerera, bitaYesu "ga-papa" n' ivyo bintu vyose. Umufu nk' uwo.

Mugira ngo "Aho n'i Londere, mu Bwongereza."

Nimurabe ivyari mubinyamakuru, mundwi iheze aha muriAmerika. Umwigisha wa Tewolojiya umwe ahambaye, wo mw' ishuri ryiza rimwe,yavuze ko ukubambwa kwabaye ukw' ikinyoma. Avuga ati "Yesu yashatse gusakwigira nka kurya, Yari yanyoye ikiyayuramutwe kiva mumadudayimu."

Ico tugisanga mw'itanguriro, ahokivugwa. N'ikiyayuramutwe kimeze nk' urumogi canke ikintu nkico. Kibonekahariya mu buseruko bw' isi. Kandi ukinyoye, gica kigutera gusinzira. Kumbure...Kandiucumera nk' uwapfuye, ugata umbwenge, vyose, bikamara imisi ibiri canke itatu.

26 Yavuzeati "Igihe baMuha ya vino ivanze n'umuti w' umururazi, vyose birashoboka kocoba cari ca kiyayuramutwe kiva mumadudayimu. Kandi aho babiMuha, Yaciye Ataubwenge nk' uwapfuye. Baciye baMushira muruhafu, baMuryamikayo. Haciye imisiibiri canke itatu, ata nkeka, uharuye usubira inyuma,

rero Yarongeye gukanura,Yari Ameze neza.” Ati “Yaciye Aja mu Buhindi, Apfira ahantu kanaka, urupfurusanzwe, mukugerageza kwirementaniriza idini.”

Ubwambere ho, uyo munebaguzi, abantubafise ingorane ki ? Murabona, n'iki gihe tubayemwo nyene, Abacokoranyi,murabona, igihe co gushika kw' ubuvugishwa.

27 ImanaYaragabuye Ijambo ryaYo kuri buri gihe, kandi kimwe cose muri ivyo bihe gitegerezwakuRigaragaza. Kandi Yaranatoranije imbere y'igihe abantu bo gushitsa iryo Jambokubw' ico gihe. Igihe cose Yagabuye Ijambo ryaYo, Yashizeho n'umuntu waco.Igihe Yagabura igihe ca Mose, Yagishiriyeho Mose. Igihe Yagabura igihe Umwanaw' Imana Avukiramwo, Yaciye IMushiraho kubwaco. Igihe cose, Yarashizeho umuntuwaYo, Yatoranijwe mbere, nk' uko Bibiliya yavuze. Ntanakimwe...

NibaImana Itagira intango n'iherezo, Mushoboravyose, nyene ububasha bwose, Ibahose, Izi vyose, emwe, Yamenye ibintu vyose kuva muntango. Rero, Yar' Ibizi.Ntanakimwe kitari mu kibanza. Twebwe, ni twe twiyumvira ko hari ibitari mukibanza. Vyose biratonze. Nimwihweze mw' Ijambo maze murabe ivyo Iriko Irakora,aho tuzoca dutahura.

28 Akakanya, mwibaze. Ubwambere ho, iyo uwo muvugabutumwa yari kwiyumvira, ahobashira irya vino ivanze n'umuti w' umururazi mu kanwa kiWe Yaciye Abicira.Ntavyo Yanyoye, honyene. Murabona ? N'abariko baraza b'abacokoranyi gusa.Ikindi, ni gute uwo Yesu w' i Nazareti, Ubuzima bwiWe bwahura neza na neza naburi buvugishwa bwo mw' Isezerano rya Kera ? Vyari kugenda gute ? Ntavyarigukunda atari Imana Yabishinze. Ubuzima bwiWe bwahuye na buri buvugishwa bwomw'Isezerano rya Kera. Ikindi, niba abo bigishwa baraMurementanirije nk' uko,kubera iki umwebwese muri bo yapfuye kimaratiri ? Wanashaka intumwa Peteroakanavuga ati “Nimuncurike. Simbere gupfa nkawe.” Ese ingene bafashe Andereya,bakamukikamika ku musaraba. Bo,bose bashize ikidodo kuntahe yabo n' amaraso yabo bwite. Bari baMwizeyebakaMukunda, maze batanga ubuzima bwabo kubwiWe. Iyaba Yari umurementanyi, nigute bari gukora ivyo? Murabona? Insobanuro ijanye n'ivy' impwemu, abantu ntayobaronka.

29 Hano hari umugaboahambaye, nta gihe kihaciye, umwigisha w' idini ry' abayuda ahambaye yanditsengo “Mose, aho yajabuka ikiyaga gitukura,” ngo “Kubisanzwe ntiyari amazi.Amazei ntiyigeze agira uruhome.” Ati “uko vyagenze, hariya kuyindi mpera y'ikiyaga c'umunyu, hari umurundo w' urukangaga. Aca aca murufunzo, mu rukangagarwo mumazi. Ntamazi yarimwo. Ikirundo c'urukangaga gusa, ibahari y' u—y'urikangaga baciyemwo. Kandi abarongozi b' amadini benshi baravyizera, bo, kandibaravyemera.

Hano, ntagihekihaciye, igihe wa munyakigendajuru wambere yaduga, aragaruka, maze ntiyabonaikintu na kimwe c'Imana. Ivyo vyarazungagije n'abavugabutumwa. Bari bibaza koImana Iba aho hejuru ahantu kanaka, ku mamayili nk' ijana na mirango itanu [nk'ibirometero 225—Umus.] uduga.

30 Yemwe, ewegayee,ese ukuntu amashuri n'ubwenge bw' iyi si vyahinduye ishengero umurundo w' ivyatsibibi! A…Amashuri hamwe n'umukorere wayo, ubushakashatsi hamwe n ubusirimu,nivya wa murwanizi. N'ubusirimu bwa wa murwanizi. Ni Bibiliya Ibivuga.

Bwa busiribu bwacu bugira buze ntaco buzoba bupfana n'ububusirimu, na mba. Ntaco bupfana, na mba. Hazobaho Ubusirimu butandukanye n'ububusirimu hamwe n'iyi si y' ubushakashatsi dufise. Uko tugwiza ubushakashatsi, uko tubaabanyabushakashatsi kurusha, niko turushiriza kuja mubijanye n'urupfu, mumitegoyo kwica, n'ibindi. Muri ubwo Busirimu bushasha nta rupfu ruzobaho, nta ndwara,nta gahinda, nta bubabare. Murabona ? Ntanakimwe kizobaYo. Rero ubu busirimubuzotegerezwa gusambuka, kuko ari ubwa wa murwanizi.

31 Dusanga ko, mw'Itanguriro 4, abamuka kuri Kayini aribo batanguye ivy' ubusirimu, bubaka ibisagara,n'imigwa, n'ibindi n'ibindi, n'ibicurarangisho, no gucika abanyabushakashatsi.Hanyuma abantu baca barushiriza kuja kure y' Imana, naho bari abanyedini.Yamara igihe abamuka kuri Seti baza, batanguye kuza, kwambaza Izina ry'Uhoraho.

Yoo, mumbwire ubwo bugunge!

Sindi hano kugira ntsitaze umuntu n'umwe, canke ngo mvugeIshengero kanaka. Niba uri hano, ukaba uri uwo muri iryo shengero, ibisindabivugiye kugutsitaza ; kuko ririmwo abantu beza benshi nk' uko barimuyandi mashengero. Yamara nariko ndasoma, ndi i Shreveport mundwi iheze, ahoishengero katorika ryavuze ikintu.

Kandi turabona aho bariko baraja hamwe bose ubu muri rwarunani ruhambaye mpuzamadini, n'ibindi, mugushitsa neza na neza ivyo Bibiliyayavuze ko bokoze. Neza na neza.

32 Ubu dusanga kobavuze bati “Emwe, Bibiliya...” Bamwe mubaporoti bashaka kwumira kuri Bibiliya.“Emwe,” niko bavuze bati “Bibiliya ntakindi iri atari igitabu kanaka, kahise k'ishengero, kandi Itari bwaje mu mubitabu gushika mumyaka nk' amana abiri namirongo itanu iheze. Ishengero niryo ryamye ririho.” Bati “Ryari ishengero,ntiyari Bibiliya, kandi Bibiliya ni kahise gusa k' ivyo ishengero ryakoze.” Eseingene ico kinyoma ari ic' ubugunge ! Emwe, Bibiliya tuyimaranye imyakaibihumbi bitatu. Isezerano rya

Kera ryari mu vyanditse, imyaka amajana n'amajaimbere y' ukuza kwa Yesu. Uruyeri rw' umurwanizi gusa !

33 Kandi muri ikigihe, aho ukwo gucokora bikomeye hamwe no gushikyagurira Bibiliya, nokugerageza kuYigiza kure, dusanga ko Imana Itegerezwa gucira urubanza ishengeroYisunze ikintu kanaka. Ntiyoba Iyigororotse...

Ntiboja kw' iri barabara ngo banfate, bavuga ko ndiko ngendaku muvuduko w' amamayili mirongo itatu [ibirometero 45—Umus.] kw' isaha mukarerere katemewemwo kurenza amamayili mirongo ibiri [ibirometero 30—Umus.],mugihe atakintu gihari kimbwira ko ntemerewe kurenza amamayili mirongo ibiri[ibirometero 30 —Umus.]. Gitegerezwa kuba gihari.

Imana naYo, Izocira urubanza ishengero, Izocira urubanzaabantu, umusi umwe. Ivyo turabizi. Hari urubanza ruriko ruraza. Rero nibaIzoricira urubanza Yisunze ishengero Katorika, n'ishengero Katorika irihe ?Niba Izoricira urubanza Yisunze ishengero Metodisiti, iry' ababarisita rizobaritakaye. NiYaricira urubanza Yisunze aba Nyabumwe, aba Nyabubiri bazobabatakaye. Murabona? Izoricira urubanza Yisunga iki? Yavuze ko Yoriciriyeurubanza Yisunze Kristo, Kristo nawe n' Ijambo. Rero n' Ijambo ry' Imana, niryoImana Izokwisunga. "Ubwa mbere na mbere Jambo Yariho, kandi Jambo Yahoranyen'Imana, kand' Uwo Jambo Yar' Imana. Kand' uwo Jambo Yihaye umubiri, Abananatwe. Uko yar' Ar' ejo, n'uyu musi ni kw Akiri, ni kw Azokwama ibihebidashira." Murabona? Rero, Izoricira urubanza Yisunze Ijambo ryaYo.

Kandi rero,dusanga ko muri iki gihe, aho bariko baragerageza guhindira hanze Bibiliya ("Emeraishengero!" Bibiliya : ntayo dukeneye. "Ishengero!") kugira ngo bikorere nemeray' ubwoko ubwo aribwo bwose canke ikindi cose, babe ariyo bisunga.

34 Koko, nk' ukonariko ndabivuga kumugoroba w' ejobundi I Shreveport. Mw' i—mw' isangira, igihebabaga wa mwagazi w' ikimazi, hategerezwa kuba "ata mwambiro uri hagati yabo,muri iyo misi ndwi yose," ata mwambiro, ata mutsima wambiwe. Ikintu cosecategerezwa kuba atari icambiwe. Ivyo vyerekana vya bihe ndwi vy' ishengerotubona mu gitabu hano, kandi nta mwambiro. N' iki? N' ikintu kivanzwe naRyo.Kandi nemera n' idini, n' ibindi vyose turabivanga n' Ijambo, maze tukabandanyadushaka kuvyita Ijambo. "Nta mwambiro uzohaba mu iyo misi ndwi yose."

35 Kandi, mbere ivyokuribwa uyu musi, ntugerageze kubibikira ejo. "Biturire mu muriro, imbere y'uko umutwenzi utambika," kuko hariho Ubutuma bushasha buje, kandi n' ikintugishasha. Murabona, kugerageza kubiraza, iyo niyo yabaye inyifato y' ishengerorero. Umuvyuro uraba, maze ikintu ca mbere, murazi, nko mumyaka itatu, bacabatangura ukwitunganya kwubakiye kuri wo. Idini rica ritangura, ukwitunganya.

Ariko mbegamwarihweje? Bino ubu haheze imyaka mirongo ibiri biriko bihari, kandi ntakwitunganya. Ntanukuzigera kubaho. Iri niryo herezo. Urugano rwasubiye kubaurugano. Urugano rwasubiye kuba urutete rw' ingano. Igishishwa caruvuyeko.Kandi urugano rutegerezwa kuguma mu Nyonga ha wa Mwana [ Ijambo 'Sun' risiguraizuba mu congereza rivugwa kumwe n' ijambo 'Son' risigura umwana w'Umuhungu—Umus.], kugira rwere.

36 Mbega s' ikintugitangaje, kubona, ntagihe kihaciye, kurubibe rw' I burasirazuba, haba ukuzimakw' amatara? Ntavyo batahuye. Texas naho amatara yarazimye, mundwi iheze.Ntavyo batahura. Ntimutahura ko ico ari ikimenyetso? Ntimuzi ko mumahangavyanse? Isirayeli iri mu gihugu cayo. Kandi ibi bimenyetso vyerekana ko turikw' iherezo. Igihe nyene hariko haraba ubwirakabiri, ntimuzi koi co ariikimenyetso umuvugishwa yavuze? Egoo. "Kukagoroba hegereje hazobaho Umuco," kohazobaho Umuco uzoza mugihe c' akagoroba, igihe umwijima n' ibindi bizoba biriuko biri ubu.

37 Nimwihweze honyeneingene amatara yacitse. Papa niho akiza ino.

Muribuka, hariyakw' ihema [ikoraniro rya MweneData Branham ryitwa 'Ihema rya Branham'—Umus.],aho ivyo…Murafise amabande. Ndibaza, mwese murazitora. Ingene urya musi UmwamiYerekanye hariya, mw' ihema, neza na neza aho ivyo bihe vy' ishengero vyobayen' ingene vyobaye bimeze! Nari nabicapuye kukibaho aho, ivyo bihe vy' ishengeromubona hano mu gitabu. Kandi none Mpwemu Yera ntiYamanutse mu Nkingi y' Umurironini, maze Akaja ubwo nyene hariya inyuma kuri rurya ruhome Akabicapura,ubwiWe, abantu amajana atatu canke ane bicaye, baMuraba!

Kandi, neza naneza igihe Papa yatangura urugendo rwiwe ino, mu buryo kanaka harabayeubwirakabiri bw' ukwezi. Maze baca bafata amasanamu asa nka kumwe vyaribicapuwe ku gicaniro. Rero, yagize urugendo rwiwe ino kw' itariki cumin azitatu, aterara intambwe cumin a zitatu, aha asangiza abantu cumin a batatu, mugihugu igiharuro caco ari cumin a gatatu, maze imyijima igaca iba hose.Ntimubona aho tugeze? Turi kw' iherezo.

"Abacokorabazohaguruka mu misi yanyuma, bavuga bati 'Ntatandukaniro rihari muri iki gihe,ugereranije n' igihe ba sogokuruza basinzirririye.'"

Yamara igihe mubonyeivyo bitanguye gushika, muraramure imitwe yanyu, mwitegure. Ikintu

kanakagishobora gushika umwanya uwo ariwo wose, Kristo Akaza kubw' Ishengero ryiWe.

38 Rero,ntibavyizera, kuko ari i…ni i…Bo, bafa…Ntibatahura ko ari bo bariko barashitsaIvyanditswe. Vy' ukuri bantu ntavyo batahura, mugukora ivyo bintu, mukuvugaivyo bintu, bariko bashitsa Ivyanditswe.

Ese ingeneKayafa, umuherezi mukuru, hamwe n' abo baherezi bose kiriya gihe,baMushinyaguriye, bakaMukekeza, batari bazi ko Ya Mana nyene baririmba ngo"Mana yanje, n' iki kiKumpebesheje?" Zabiru ya 22, "Bancumise Ibiganza n'Ibirenge." Babiririmba mu rusengero, naWe Akaba Ariko Arapfa hariya hanze kumusaraba. Ntibari bazi ko arivyo bariko barakora. Yesu Yaranasenze Ati "Data,Baharire. Ntibazi ico bariko barakora." Kuko, Ivyanditswe vyari vyaravuzeimbere y' igihe ko bazoshirwako uruhumyi.

39 Mwari muzi kovyavuzwe imbere y' igihe, ko amashengero ya giporoti na katorika, mu misiyanyuma, yoshizweko uruhumyi, gutyo nyene, ngo ntabone Ivyanditswe, Kristo naWeAri hanze, Ariko Aragerageza kwinjira? "Kuko uvuga uti 'Nd' umutunzi, ntaconkenye,' ntumenye ko ko ari wewe mutindi, ur' umukene, wafutanye, ugendaamenya, ur' impumyi, kandi atavyo uzi," Ivyahishuwe 3. Ng' ivyo, basubiyekuruhumyi, mu guhonyanga ivy' Imana, nk' aho ataco Bivuze kuri bo, baBicokora,baBitwenga. Ivyo nivyo Bibiliya Yavuze.

40 Yamara, kw'Ishengero, ku Mugeni, Izamurwa n' impishuro kuri We. Ararihishurirwa. Iyo,impishuro, Umugeni w' ukuri wa Kristo azoba arindiriye iyo mpishuro y' Izamurwa.

Rero, n'impishuro, kuko impishuro ari ukwizera. Nta mpishuro wogira itari ukwizera. Ukwizeran' impishuro, kuko n' ikintu kiguhishurirwa, nkuko vyabaye kuri Aburahamu,yashobora gufata ikintu cose gihushanye n' ico yahishuriwe, nk' ikitari co.Rero, ukwizera, ukwo nikwo kwizera, n' impishuro y' Imana. Ishengero ryubatseku mpishuro, Umubiri wose.

41 Haciye indwikanaka hano, Nariko ndavugana n' umuvugabutumwa mwiza w' umubatisita. Yarajengo tuyage. Yavuze ati "Ndagukunda nk' umuntu, yamara," ati "urihenda cane."

Mvuga nti"Ndakwinginze unfashe rero untumbereze," (avuga ati…) "mu Vyanditse."

Avuga ati"Ntituzigera dushobora, mweneData Branham, gutondeka ibintu neza gushikadufashe ijambo kurindi, ijambo kurindi, neza na neza mu Kigiriki, n' ibindi."

Navuze nti "yoo,mushingantahe, ivyo urazi neza ko atarivyo." Nti "No munama nkuru y' i Nikeya,kera cane uko kwose, imyaka amajana atatu inyuma y' urupfu rwa Kristo, baribagiharira uwufise ukuri uwariwe mubahinga b' iKigiriki. Urashoboka kubimenya.N' impishuro, ico kintu cose. Bihi..."

Avuga ati "Sinshobora kwemera impishuro."

Nti "None ni gute ushobora kwemera Kristo?"

Ati "Emwe, Bibiliya yavuze ngo 'uwizera ara... Yesu Kristo,afise Ubugingo budashira.'"

Nti: "Ivyo n'ukuri. Iravuga kandi ko ata muntu ashobora kuvuga ko Yesu Ari Kristo bidaciyeku mpishuro ya Mpwemu Yera yabimuhishuriye." Murabona? Ni ivyo, bicabigaruka hahandi nyene, bisubira kugwa kumpishuro nyene. Bitegerezwaguhishurwa, muri Bibiliya.

42 Kayini na Abelinta Bibiliya basoma bari bafise, ariko vyarahishuriwe Abeli, mu kwizera, kukabaari impishuro. Abeli yashikaniye Imana ikimazi ciza kurusha ica Kayini. Maze,Imana Ishinga intahe ko yari umugororotsi.

Yesu, igihebamubaza hano, Matayo 16:17 na 18. Nta mwanya dufise wo kuhasoma, arikonibamubishaka muhandike. Yaravuze Ati "Abantu baviga ngo Jewe Umwana w' Umuntu Ndi Nde."

"Umwe muri bo yaravuze ko Uri 'Mose,Eliya, canke uwundi."

Aca Avuga Ati "Mweho muvuga ko Ndi Nde?"

Ati "Uri Kristo,Umwana w' Imana Nzima."

Aravuga Ati "Uriumuhirwe, Simoni mwene Yona, kuko inyama n' amaraso atarivyo vyabiguhishuriye.Data Ari mw' Ijuru niWe Yabiguhishuriye. Kuri urwo rutare," impishuro ya mpwamiy' Imana Iyo ari YO, Yesu Uwo Ari We. Kandi ni We mpishuro y' Imana, ImanaIgizwe umubiri hanyuma Igahishurirwa isi.

"Yari mw' isi.Imana YAri muri Kristo, Yiyuzuza n'isi, Ahishura ico Imana Yari Iri, mu mubiriw' inyama."

"Uri Kristo, Uwasizwe, Umwana w' Imana Nzima."

Ati "Inyama n'amaraso ntivyigeze bibiguhishurira, yamara Data Ari mw' Ijuru ni WeYabiguhishuriye. Urwo rutare Nzorwubakako Ishengero ryaNje, impishuro y' Ijambomugihe caRyo. Nzubaka Ishengero

ryaNje, kandi amarembo y' ikuzimuntazorishobora.”

43 Igitabuc'Ivyahishuwe nico gitabu gihereza ca Bibiliya. Kiramatanishijwe kubatizera.Muri co, Bibiliya ivuga, mukigabane ca 22 iti “ni hagira umuntu akurako ijambona rimwe, canke yongerako ijambo na rimwe, Nzokura umugabane wiwe mu Gitabuc'Ubugingo.” Aho rero, tuca dutahura ko ivyo vyahawe abizera bonyene. Kandiivyo bica vyugurura igitabu c'Ivyahishuwe bikongera bikerekana Umwanditsi w'IkiGitabu uwo Ari We. “Akwiye gufatwa nka Alufa na Omega,” kuva mw'Itangurirogushika mu Vyahishuwe, Yesu Kristo wawundi nyene, kuva kuntango gushika kumpera. Kandi ivyo biranahishura rya banga ryiWe bwite ryose, n' imigambiafitiye ibihe vy'Ishengero biri imbere, maze vyari byamatanijwe n'amashashara Ndwi.

44 N'uko rero,Igitabu cari canditswe, yamara mwibuke, Cari Kimatanishijwe amashasharaNdwi.Kandi ayo Mashashara Ndwi ntiyashobora kwugururwa (Ivyahishuwe 10) kugezak'ukuvuza inzamba kw'umumarayika wa nyuma wo kw'isi ari kw'isi, Ivyahishuwe 10:7.Murabona? “Kandi mumisi y'ukuvuza inzamba y'Ubutumwa bw'umumarayika wanyuma,umumarayika w'indwi, ibanga ry'Imana ryoheraherejwe muri ico gihe.” Ico, kandiico nico guhe tubayemwo.

Twese turazi kotubayeho mu gihe ca Lawodikiya. Ntagihe kindi kizogikurikira. Ntibishoboka.Rero, tubayeho mugihe ca Lawodikiya. Kandi aya Mashashara Ndwi yari amatanijeico Gitabu, n'ibanga kubantu, yokwuguruwe muri ico gihe. Ivyo nivyoYasezeranye. Rero, ntakintu na kimwe kizoba kiri hanze y'Ijambo, kukoutokwongera kw'Ijambo canke ngo Ukureko. Bitegerezwa kuguma ari Ijambo igihecose. Yamara impishuro izira guhishura Ukuri kwavyo, ivyo ari vyo, kubishirakumurongo umwe n'Ivyanditswe bindi. Maze Imana Igaca Yemeza ivyo ko ari Ukuri.Murabibona?

45 Imana ntamusobanuzi Ikeneye. NiYo musobanuzi waYo ubwaYo. NiYo Yisobanurira mu gushitsa ivyoYari Yavuze ko vyobaye.Nko muntango, Yavuze Iti “Ni habeh'umuco”, umuco ucaurabaho. Ivyo nta nsobanuro bikeneye. Vyaremejwe.

Ubu rero,Yarasezeranye ibintu kanaka muri iyi misi y'iherezo, mu Vyanditswe. Emwe,vyarabaye.

Ukwo nikwo YesuYari Umwana w'Imana. Yari Yarasezeranye kuMurungika. Igihe YAri Abayeho mugiheciWe aha kw'isi, hanyuma abantu ntibashobore kuMwizera, Yavuze Ati “Ni musesemu vyanditswe, kuko mugira ngo muri vyo niho mufise Ubugingo Budashira, kandiari vyo binshingira intahe. Kandi asangwa ntakora ibikorwa vya Data,ntimuNyizere. Ariko niba mudashobora kuNyizera, mupfe kwizera ibikorwa Nkora,kuko bishingira intahe uwo Ndi.”

46 N'uko, rero,mugihe ca Wesley, ibikorwa yakoze vyarashingiye intahe uwo yari ari.

Mugihe caLuthern, kubijanye n'ubugorozi, yemwe, ata nkeka, vyarashingiye intahe uwo yariari.

Mugihec'abapantikoti, igarukanwa busha ry'ingabire, igarukanwa ry'ingabire, kuvugamundimi no kwirukana abadayimoni, hamwe n'ingabire, yemwe, vyarashinze intahe.Nta gufyina kwarimwo. Abantu bâvuga, Bigitangura…Nasomye mubitabu kuri kahiseka Pantekoti. Bâvuga bati “Ntagihe bizomara. Bizozima.” Ntibirazima. Kuki? Kuko utokwigera ushobora kubizimya.Imana Yavuze ko vyobayeho. N'ako gace k'Ijambo, kandi naRyo ntiwoshoborakuRizimya.

Kandi rero mugiheUmugeni ariko arahamagarwa, nigute woshobora kuzimya ivyo? N'impishuroy'igaragazwa ry'Ijambo ry'Ijambo ryagizwe ukuri. Kandi tubayeho muri ico gihe;Imana Ishimwe; impishuro y'ibanga ryiWe ubwiWe.

47 Rero, Izamurwaryerekeye gusa… Iri Zamurwa turiko turavugako, ryerekeye Umugeni gusa. Mwibuke,Bibile Yavuze Iti “Abandi bapfuye ntibaba bazima iyo igihumbi itarashira.” IriZamurwa rihambaye! Asangwa ata Zamurwa rihari, bagenzi, turi hehe? Tugiyegukora iki? Tubayeho mugihe ikihe? Dufise isezerano irihe? Hagiye kubahoIzamurwa. Bibiliya Iravuga ko Rizoba. Kandi Rizoba ari iry'Abatoranijwe gusa,wa Mukenyezi Yatoranijwe, Umugeni w'iki gihe, yasohotse, Ishengero.

Ijam-…Iryo jambo ishengero, ubwaryo, risigura‟abahamagariwe gusohoka bava mu.” Nk'uko Mose yahamagaye ihanga gushoka rivamw'ihanga, Mpwemu Yera Ariko Ahamagara Umugeni gusohoka ava mw'ishengero;Ishengero riva mw'ishengero; abanywanyi, baturuka muri buri dini, bakagiraUmugeni, igiti Mugeni. Biri muri ya —muri ya bande, Igiti Mugeni. Umugeni Yasohotse, Yahamagawe, kandi uwo niwe… IgitiMugeni ni, Umugeni nako, niwe azoba mw'Izamurwa ; we wenyene, ntawundiatari Umugeni, abatoranijwe bamenywe n'Imana imbere y'igihe kuva muntango,imbuto za Data z'impwemu.

Reka mpagararehano akanya gato. Kandi nguma ngira umwitwarariko, niyumviriye ko mpavandabatevya, mpava ndabatevya cane.

48 Yamara, raba,murabona, umwe wese muri mwebwe. Wari uzi ko, hagisigaye imyaka myinshi ngouvuke, wari muri so nk'urubuto? Ni vyo. Akagera, urubuto, rwari muri so; ruvamumugabo, si mumugore. Umugore atanga irigi, umurima wo kubibamwo. Ariko akagera kava kuri da-…Rero, tuvuge,

nkokuri Data…

Canke, umuhunguwanje yicaye aha, igihe nari nfise imwaya cumi n'itandatu, uwo muhungu wanjeyari muri jewe. Sinari ndamuzi, ariko niho yari ari. Rero, biciye kumurima wokubibamwo, biciye mu kwubakana kwera, yacitse ishusho yanje. Ndamuzi.Ndashobora kugiranira isangira nawe. KAndi yaje neza na neza mu gihe kibereye.

49 Rero, nawe warimu…, niba ufise Ubugingo Budashira, wari aga…mu Mana imbere y'uko higera habahoisi. Uri agace, umwana w'Imana, kimwe mubigize Imana. Yari Izi neza na nezaigihe wojemwo. Yagutoranirije muri ico gihe, gufata ico kibanza, kandi ntawundin'umwe yogifata; ukwo ivyo kwigana n'ibindi vyomera kwose. Utegerezwa kubaho,kuko Yari Izi ko wobayeho. Ubu naho wagaragajwe. Ubu rero urashobora kugiraniraisangira na Yo, kandi ico nico Ikeneye. Iranyotewe isangira, gusengwa. Arikoniba ubuzima bwawe butari…utamye uri agace k'Imana kuva kera, uzoba urikourigana ubukristo gusa. Murabona? Bazoba ari ama miliyoni n'amamiriyaridi y'abiganaubukristo.

50 Hari ikintu navuzeejobundi. Nariko ndihweza mweneData Demos Shakarian hariya, igihe barikobarabanguriza inka muburyo bw'ibivyarwa, narihweje uturahuri tw'igeragerezon'ibindi, vyinjijwe n'abaganga b'ibitungwa, nitegereza ivyo bintu.

Mugusohora intanga kw'impfizi, hari hafiumuliyoni w'intanga zivira mumpfizi icarimwe. Kandi hari hafi umuliyoni w'amagiavira mungore ica —icarimwe. Ariko wari uzi ko, muri utwo dutanga twose tubaturiko turagendagenda, umuliyoni watwo, haba harimwo kamwe gusa kagenewekubaho, kandi haba hari irigi rimwe ritarumvye? Kandi ako gatanga kanyuranganakagenda hagati mutundi dutanga twose, kagaca hejuru utwotundi dutanga bisa,kakaturengana kagashika aho, maze kagasanga rya rigi ritarumvyekakaryinjiramwo. Hanyuma rero udusigaye twose tugaca dupfa. Yemwe, isugikuvyara, si n'igice c'ingene ukuvuka gusanzwe ari ibanga, ukugene bishingwaimbere y'igihe, bigategekanywa imbere y'igihe n'Imana!

Rero, muntango,kure cane, imyaka n'imyaka imbere y'uko umwanya utangura, wewe, niba uriumukristo yavutse ubwa kabiri kano kagoroba, ico gihe wari mu Mana, So. Nicogituma, uje muri ubu buzima hano hama ukatura ko uri umukristo, n'uko, ibintuvyose bikagenda nabi, waribaza igituma c'ibi na biriya. Vyaragutangaza. Arikoumusi umwe, hari ikintu cagukozeko. Cari Igiki? Bwa bugingo bwari muri wewe,kuva muntango. Kandi iyo bu…

51 Ni nka kagakurukanje k'inkona, igihe yayitora, nyina wayo itora iyo nkona. Muramaze kunyumvandavyigishako, ingene uco giswi c'inkona caberaguwe n'inkokokazi. Yamara nyina,ukwo yarimenyereye igerageza kugaburira iyo —iyo miswi, umushishito w'ico giswic'inkona ntiwashobora kuvyakira, kuko kitari umuswi w'inkoko, kuva muntango. Arikonyina yarasuragura mukigo n'ahandi, maze ico giswi c'inkona bikacankira. Arikoigihe cose nyina yaguma ihamagara, maze uduswi tukagenda, na cagiswi c'inkonakigaca kigenda. Yamara umusi umwe…

Nyina Waco yariizi ko yataye amagi abiri, ntiryari rimwe. Hategerezwa kuba hariho ikindi giswiahantu kanaka. Ica igenda kukirondera, iguruka hirya no hino, izunguruka.Munyuma ishika hejuru ya rwa rugo, icirabona icana cayo, iciragihamagara isemerera.Ico nico cariko kirandera, murabona, kica kiramenya ko kitari umuswi. Cariinkona.

N'uko nyene,umukristo yavutse ubwakabiri wese, iyo uje. Ntaco bitwaye amadini wagiyemwo ukoangana, amazina yayo ukwo anagana, ukaba wari waranditse izina ryawe mu bitabu vy'amashengeron'ibindi, igihe iryo Jambo nyaryo ry'Imana riba ryemejwe kandi rigizweiry'ukuri imbere yawe nk'ukwo, uca utahura ko uri inkona, ubwo nyene. Kuberako,ukwo kugogoza kwose kw'inkoko ngo "Ni wiyunge na bino hama wiyunga na bino,maze uje ngaha na hariya," ntaco biba bivuze. N'ukwongera Ijambo ku Rindinyakwo.

52 Igihe akagerakinjiye mugitereko c' —c'ingore, ntigatwara...Wewe, Ntiwabaye akagera muntukavuye kuri so, maze ngo munyuma ucike akagera kavuye kumbwa, hanyuma ucikeakavuye kukayabu, hanyuma akavuye kunkoko. Kari akagera muntu igihe cose.

N'umubiri wa Yesu Kristo, Umugeni,uzoba ari agace k' Umubiri wiWe. Ukazo...Yari Ijambo, n'Umugeni azotegerezwakuba Ijambo; Ijambo ryiyongera kw'Ijambo, ryongera kw'Ijambo.Ugutsindanishirizwa kwa Luther, ukwezwa kwa Wesley, umubatizo wa Mpwemu Yeraw'abapantikoti, ukugarukanwa kw'ingabire, n'ibindi vyose vyaRyo, bijana naRyo.Murabona? Bitegerezwa kuba ari Ijambo kurindi, Akagera kukandi, Ubugingokubundi, kugira bitange igihagararo cuzuye c'Umugeni w'Umwami Yesu Kristo.Rero, mwibuke ko mwari agace.

53 Kandi ubu rero,igahari n'uko, tumaze gutahura ivyo bintu, ko Kristo agiye kuza kubw'Umugeni,none ni gute twinjira muri uwo Mugeni? Ico nico kibazo.

Benshi bagira bati "Iyungen'ikoraniro ryacu." Rimwe muri yo rishaka umubatizo w' uburyo kanaka. Hariirishaka kugira iki canke kiriya. Rimwe ryavuze riti "Utegerezwa mundimi,atari ukwo ntaWe ufise." Irindi

ryavuze riti "Ntutegerezwa kuvugamundimi." Hari irivuga riti "Utegerezwa gutamba muri mpwemu."Iri rikavuga riti "Utegerezwa kuvuza akamo." Rino riti"Utegerezwa kwiyumva ugukozweko mumubiri." Ntaco bitwaye, kandi rero, naho biri ukwo,ivyo vyose sivyo.

Vyoshoboka gute ko umugabo ya... Cankeumugore, canke umwana w'Imana, yavyawe na Mpwemu w' Imana, yohakana Ijambory'Imana? Mugihe, Imana UbwaYo Yarisobanuye Ikagira Iti "Bimeze uku.Narabisezeranye. Ng'ibi hano," Biboneka bitomoye ugushoboka kwose. Emwe,botegerezwa kubibona. Murabona? Ni gute Kristo Yohakana Ijambo ryiWe ubwiWe? Kandi nibaKristo Ari muri wewe, Ntiyohakana Ijambo ryiWe bwite.

54 Nigute twinjira muri Uyu Mubiri rero? Ab'Ikorinto bambere 12, "Muri Mpwemuumwe niho twese twabatijwe ngo tube Uyu Mubiri, biciye kumubatizo wa MpwemuYera umwe." Aho, niba mushaka kuhandika ni Ab'Ikorinto bambere 12:13."Kandi Mpwemu umwe niho twese twabatijwe." Kandi Mpwemu ni We Bugingo bwa Kristo.Sivyo? Ubugingo bwa Kristo! Kandi ubugingo bwa buri rubuto... Akaba YariUrubuto Jambo, bugira Urubuto kuba ruzima. Murabitahura? Niba ubwo—niba ubwoBugingo buri muri urwo Rubuto, maze umubatizo wa Mpwemu Yera ukaRuzako, bitegerezwaguca bizana bwa Bugingo Rubuto.

55 Nkuko nabibabwiye,ejobundi, aha i Phœnix. Nariko ndavugana na mweneData John Sharrit. Nari hariya, maze anyereka igiti, comumuryango w'imicungwe. Ya—yararimye ivyamwa vyishi vyo mumuryangow'imicungwe. Kandi yaranyeretse igiti kimwe, cari gifise ubwo umunani cankeicenda bw' ivyamwa. Nca mvuga nti "mweneData Sharrit, ikigiti ni bwoko ki?"

Ati " N' igiti c'umucungwe."

Nti " Kuki hariko indimu, n' imandarine,n'ikeremantine, n'ipamperemusi?"

Ati "Vyose nivyo mumuryango w'imicungwe,vyaramaditsweko."

"Yooo", nca mvuga nti "Ndabitahuye. N'ukuvugako mumwaka uza kizama imicungwe gusa kube..."

"Oyaaa. Burigiti kizama ivyaco. Buri shami rizama ivyamwa vyaryo."

56 Muri mwebwemurima ivyamwa, benshi, ivyo murabizi, muri iki kiyaya c'ivyamwa vy'umuryangow'imicungwe. Cama ivyaco. Umaditse ishami ry'indimu mu giti c'umucungwe,rizokwama indimu, kuko gifise kamere yo mumuryango w'imicungwe. Yamarantikizama ivyamwa vyo ku nkomoko.

Kandi ivyo nivyo twakoze. Twaramaditsemwo, twabinjijanye naza nemera n'ibindi bindi, tubamadika ahariho hose, hano. Ni gute abametodisitibovyara ikindi atari umwana w' umumetodisiti? Ni gute idini iryo aririyo ryoseryovyara ikindi atari umwana w'umunyedini?

Yamara ca giti,igihe cose kizotanga ishami ryo kunkomoko, rizokwama imicungwe.

N'uko rero, igihe cose Imana Izokora ico arico cose mw'Ishengero, kizoba ico ku nkomoko, kigaruka mw' Ijambo. Neza naneza. Bitegerezwakuko bwa Bugingo buri mugiti, Kandi nkuk' ubwo bwaCo buri.

57 Ubu rero, iyotubiravye, rero, hari iryo shengero rihambaye ryabandanije, ukwo ibihevyakurikiranye, rikama ivyamwa vyaryo. Kandi ukwo amashami yahagarika kwama,yaracibwa. Muri Yohana Mweranda 15, Umuzabibu wowo ntiwigeze ucibwa. Yakuyekoamashami, Arayaca, kubera ko atariko arama ivyamwa. Kandi—kandi tura...

Yesu Ashakakwironkera ivyamwa vyiWe. Umugore wiWe Abwirizwa kuvyara abana bafise kamereyiWe.

Rero, Atavyaye abana, abana Mugeni, abana Jambo, aba ari wamwana w'ikidini. N'uko, rwarukundo rwiwe rwa mbere, rw'isi n'idini, aba arirwoyasubiyeko. Kandi ntibishobora kuvyaraumukristo yavutse ubwa kabiri nyawe, w'ukuri, kuko atanakimwe kiba kirimwoyoshobora kuvamwo.

Ni nkuko wofataishami ry'indimu ukarimadikako, rizokwama indimu, ariko ntirizama imicungwe,kuko ritari rihari kuva muntango. Yamara iryateguwe mu ntango, ukumenya mberekw' Imana, rigateganirizwa ishikiro hanyuma rikavuka, ritegerezwa kwamaimicungwe. Ntakindi rishobora kwama.

58 Ukwo ni kobigenda kw' Ishengero ry' Imana Nzima, iyo igihe kigeze. Abantu bose...IyoImana Itanguye gukora ikintu kanaka, abantu bose baca bacigana ubutarariye.Murabona? Niko vyama bigenda.

Ejobundi, ngaha, nariko ndasoma muvya kahise, ibijanye naMaritino Luteri. Bavuga bati "Iki...Ntivyari ibigoye cane kwizera koMaritino Luteri yoshoboye kuvuguruza ishengero Gatorika bigakunda.Yamara," ngo "Igitangaje, n'uko yashoboye kuguma ashikamye imbere y' akaguma kose kakurikiyeumuvyuro wiwe, aguma atumbereyeinyigusho yiwe yo gutsindanishirizwa." Murabona? Ibintu vy'ubwoko bwose,ukwigana n'ibindi vyose, vyaramwikurikije.

59 Ehe nk'umupfasoni Semple McPherson, Aimee Semple McPherson, yari afise rurya rusengeroaho hiyo. Umuvugabutwa w' umukenyezi wese yaca agira ayo mababa, agaca anatwaraBibiliya nk'uko yayitwara,

ukwigana kwo mu mubiri gusa !

Ntibashoboka ko biba ari ivyo kunkomoko.

Niko bidashoboka no ku mashengero. Iyo, mugisagara Ishengerorimwe rironse ikintu iki canke kiriya, irindi shengero ntirishoborakuvyihanganira. Baca bakirondera nabo. Murabona? Ntakiri ayo kunkomoko.

Ijambo ry'Imana n' Iryo kunkomoko. N' Ijambo kandiritegerezwa kuvyara bijanye na kamere kaRyo; kamere kaRyo mugihe caRyo,abatoranijwe, bateganirijwe ishikiro na Data Imana.

Rero, Iryo Shengeroturyinjiramwo gute? "Tsewe twabatijwe na Mpwemu umwe ngo tube muri uyuMubiri umwe, Umubiri wa Kristo," ariwo Mugeni, Ijambo. "Niho twabatirijwe naMpwemu Yera."

60 Ubu rero rekatwihweze niba arivyo canke atari vyo ko turi mugihe canyum. Dusanga ko, iyodusubiye inyuma mw' Itanguriro, hafi mu, eh, hafi mukigabane ca 5, murashoborano kuzingurura muri Luka mukabibona, ko Henoki yari uw'indwi uhereye kuri Nowa.Henoki.

Ivyo bica vyerekana uruvyaro rw'inzoka. Kuko, iyaba Kayiniyari umuhungu wa Abeli, yociye aba uw'umunani. Murabona? Yamara ntana hamwemuri Bibiliya havuga ko Kayini yari umuhungu wa Abeli… nako ko Kayini —nako koKayini yari umuhungu wa Adamu. Kuko, ivyo, Bibiliya Yavuze, "Yari uwa wa mubi."Kandi Adami siwe wa mubi. Murabona? "Yari uwa wa mubi."

61 Hano rero tubona koHenoki yari uw'indwi uhereye kuri Nowa, kikaba cari ikigereranyo c' ibihevy'ishengero. Rero, abandi bagabo batandatu bose, imbere yiwe, barapfuye, arikoHenoki yarajanywe. Henoki yarazamuwe, uw'indwi, vyerekana ko ari igihec'ishengero kigira indwi gishikira Izamurwa. Rero, nta nkeka, turi mugihec'ishengero kigira indwi. Twese turabizi.

Rero, n'igihec'ishengero kigira indwi gishikira Izamurwa. Abandi batandatu bose barapfuye.Ariko Henoki we yarahinduwe, kuko, "Araheza ntiyaba akiboneka. ImanaYaramujanye." Yamara Henoki, yarazamuwe, yazamuwe, cari ikigereranyo c'abobandi bose bapfuye. Ariko Umugeni wo mu gihe c'iherezo azohamagarwa akuwe…Mukuzamurwa, adaciye mu rupfu, azohamagarwa akuwe mu gihe c'ishengero c'indwi,tukaba turiko turibonera ivy'ico gihe ubu nyene. Ewegaye! Reka twimbe rero,dushikane kure koko. Murabona?

62 Rero, na hano,ikigereranyo c'ibihe ndwi vy'ishengero, c'uko, mu Vyahishuwe 10 :7, ko ryabanga rihambaye ry'Igitabu ryohishuwe n'Ubutumwa bw' umumarayika w' indwi.

N'uko rero, harihoIntwarabutumwa yo mw'ijuru, buri gihe, hamwe n'intwarabutumwa yo kw'isi. Ijambory'icongereza "angel" [umumarayika] risigura "intwarabutumwa." Kandi mu butumwabw'umumarayika w'indwi, mugihe yariko arabwamamaza, igikokorwa c'ibango ciwe,"maze igihe atanguye kuvuza inzamba y'igikorwa ciwe,"atari igihe yariagitangura.

Yesu, igihe Yari agitangura, Yatanguye gukiza abarwayen'abababajwe. [Bavuga bati:] "Yoo, uyo n'umwigisha ahambaye! Ni Umuvushwa."Umwe wese yashaka kw Aza mw'ishengero ryiwe.

Yamara igihe Yicara umusi umwe, Akavuga, Ati "Jewe na DataTuti Umwe," vyagenze ukundi. Ntivyari co kimwe. Ati "Kandi mutariye umubiriw'Umwana w'umuntu, mukanywa n'Amaraso yiWe, nta Bugingo mufise muri mwebe."

Bati "Yemwe, n' ikinywamaraso!"

Murabona? Murabona? Ivyo vyari bitandukanye.

Ntiyabisobanuye. Bari bamaze kubona ukwigaragaza, ukwemezwakw'Ijambo ry'Imana ry'igihe ciWe, ryagizwe ikinyakuri rikabemeza ko ari We YariIntwarabutumwa y'ico gihe. Ntanakimwe yari akeneye gusobarura.

Kumbure ko abobigishwa batari gushobora kuBisobanura. Ariko bari baVyizeye, boshoborakuBisobanura canke batobishobora. Bamuga bicaye kandi bakaVyizera. Ni gute barikuvuga ko bazorya umubiri wiWe bakanywa n'Amaraso yiWe? Emwe, ntivyarigushoboka ko bakora ivyo. Ariko baraVyizera, kuko bari barabiteguriwe. YesuYavuze ko "Yabahisemwo amatanguriro y'isi atarashirwaho." Murabona?BaraVyizera. Boshobora kuBisigura batoBishobora, baragumye baraVyizera.

63 Ubu naho ihweze,rero, mugihe c'indwi c'ishengero, "Igihe umurayika w'indwi atanguye kuvuzainzamba, amabanga y'Imana yociye ahishurwa ico gihe nyene," amashashara.

Ivyo, abagorozi ba…bari baronse umwanya. Luteri ntiyabayeho igihe gihagije, kandi naWeseleyi n'uko nyene. Ibihe vyabo ntivyamaze igihe gihagije, abo bagorozi. Baribafise ubutumwa bwabo bw'ico gihe, maze abantu barabufata babuhindura idini.Vyar' ibiki none?

64 Ntiwokwigera uharirizaivyaremwe. Ivyaremwe bishinga intahe ubudahengeshanya. Imana

Ikoreramukubandanya hamwe n' ivyaremwe. Niko bitegerezwa.

Nka kurya kw'izuba. Izuba riseruka mugatondo, riba ari kanagato kavutse. Riba ari irinyantegenke, ata bushuhe bwinshi rifise. Isaha zine,riba rihejeje amashuri y'isumbuye. Umusi ugeze hagati, riba ryinjiye mubuzima.Isaha icenda kumuhingamo, riba ritanguye gusaza. Isaha cumi n'imwe riba ririkumpfiro. Rishaje ryasubiriye kuba irinyentegenke, ririko rirasubira mu mva.Mbega iryo riba ari iherezo ryaryo? Rirongeraguseruka, agatondo gakurikira. Murabona?

Raba ibiti, ingenebizana amababi yavyo, n' ivyo bikora vyose. Rero dusanga, amababi arakorokaakava kugiti, agasubira inyuma. N'iki? Ubuzima buba bumanutse mumizi y'igiti.Mbega iryo riba ari iherezo ryaco? Amababi aragaruka kumukubezi ukurikira,azananye ubuzima bushasha.

65 Ubu rero rabaamashengero, ingene yagize nk'ivyo nyene mubihe c'ubagorozi. Ryarahagurutse.Rwa rutete rw'ingano rwaraguye mw' ivu rurapfa, mw' ihamwa ryo muri ca gihec'umwijima. Rwagiye mw'ivu. Rwategerezwa gupfa. Umuntu wese, ari uwampwemu,ivyo arashobora kubona. Yuko, urwo rubuto rudapfuye hama rukabora, rugumarwirebanga. Kandi rwategerezwa kuja mukuzimu, mu gihe c'umwijima. Rukagumayo,rwaboze. Rugaca rumera ari utubabi tubiri tw' ishengero rya Luteri. Mw'ishengero rya Luteri, havuyemwo ayandi mababi, nka Zwingili n'abandi n'abandi.Kuva aho rubandanya gukura rushika mumezeza, akaba yari Joni Weseleyi, ca gihegihambaye c'ikwiragizabutumwa. Congera kurwa. Aho haca havamwo ca gihec'uruhendo, igihe ca pentekoti. Rwa rutete rw'ingano, rwa…

Hari uwoba amazekurima ingano mubari hano? Uraraba urwo rugano iyo urwihweje. Iyo ugiyeyo,uvuga uri "Ndafise ingano."Ukobona umenga harimwo urugano. Rwugurure urwegereyeneza urabe. Ntarugano ruba rurimwo na mba. Kiba ari igishishwa. Mbega Yesu ntiYatugabishijeko, muri MAtayo 24:22…-na kane? "Mumisi yanyuma, ko, izo mpwemu zibiri zobayezegeranye cane, kuburyo vyohenze n' urugano rwatoranijwe iyo biza gushoboka."Murabona? Ihweze rero. N'igitwazi.

66 Rero, Ubugingobwaduze buciye muri Luteri nibwo bwagize Weseleyi. Ubugingo bwavuye muriWeseleyi nibwo bwagize Pentekoti. Ubugingo bwavuye muri Pentekoti nibwo bugiraurutete. Ariko bo ni ibitwazi. Murabona? Ubugingo nyabwo niho buca. Ubutumwaburatera intambwe buja imbeje, ariko buba buriko burabandanya bugana mu rutete.Nico gituma urugano ruseruka, rugaca rujana ico kintu cose mw' Izamurwa, ahahejuru kugasongero. Umugeni, Ubwiwe, ava mu bihe vyose. Ariko igishitsic'ikidini kirapfa, kirama maze kigapfa. Mwoba mwarihweje muri iyi misi yanyuma, ingene ubu igishishwa catanguye kwiyugurura? Igihe urwo rugano rutanguyegukura, i—igishishwa gica gitangura kuruvako.

67 Subira urabe muriako kagano igihe ukihweje. Shishura wugurure nk'uku, maze wihweze muriko urabe. Haba hariyo agatutuza gatok'urugano. Bigusaba gukoresha rugagamisha y'incuro mirongo itatu mukukaraba,kugira ubone ako gatutuza k' urugano kariyo. Murabona? Kaba kari kure cane aho,ariko gaca gatangura gukura. Rero, ico gishishwa gitegerezwa kubaho kugiragikingire Ako. Kugira kiGahe amahirwe yo kuzosokoroka. Ariko rero iyo Gatanguyegukura maze Ubutumwa bugatangura gukwiragira, aho igishishwa gica cishishurakiKakigirayo. Ubugingo nabwo buca buva muri ico gishishwa n'ingoga, bukinjiramurugano ubwo nyene. Burabandanya! Ukwo niko buri gihe cagize. Nti-ntibishoboraguhaririza ivyaremwe. Ni…Nivyo vyerekana ukudahagarikwa kw' Imana, ingeneIkora.

68 Kandi rero n'icogihe turiko turabamwo ubu nyene, igihe c'indwi c'ishengero. Rero, vyosebitegerezwa kugaragazwa mu rutete rw' ingano kw' iherezo, haca hagaruka urundi.N'uko, ufashe Luka igice kigira 17 n'umurongo ugira 30, Yavuze Ati "

Nk'uko vyari biri mugihe ca Sodomu, niko bizomera mukuzakw'Umwana w'umuntu, igihe Umwana w'umuntu Azoba atanguye kwIhishura." Guhishuran'Iki? Gutanga impishuro yiWe y'ico Ari muri iki gihe. Gushishura, gushiraabantu, Ijambo ryamenyekanishijwe kubw' ico gihe. Guhishurira abantu, biciyekukwigaragaza kwa Mpwemu Yera gutuma Yesu Aba muzima hagati yacu. Kandi,mwibuke, hariya Yari Ashushanijwe mu muntu umwe. Umuntu! Yavuze Ati "Nk'ukovyari biri…" Rero, Bibiliya dusoma niyo Yasima naWe, Intanguriro. Rero, tubonaaho muri ico kigabane co mw'Itanguriro, aho Yesu Yariko Arakivugako.

69 Aho dusanga, ko,muri ico gice, Yari Ahaye umugongo ihema, Sara nawe yari mw' ihema. Yavuze,Yarabajije ikibazo. Kandi, ivyari bigeye gushika, Sara ntiyayizera kovyoshobora gushika. Yavuze Ati "Aburahamu we, Nzokugendera Nisunze igihec'ubuzima."[Hisunzwe Bibiliya y'icongereza yitiriwe umwami Yakobo —Umus.] Murabona?Maze Sara, mw ihema, aca arabitwenga. Aca Avuga Ati "N'iki gitumye Sara atwenga,mw ihema, akavuga ati 'ivyo bintu vyoshoboka bite?'"

Yesu Yarasezeranye.Kandi Uwo Yari We.Aburahamu yaMwise 'Elohim,' Mushoboravyose. Yari We. Rero,Bibiliya yari yaravuze ko ivyo bizongera kubaho mumisi y'iherezo.Yesu nikoYavuze. "Kandi nimwabona ivyo bintu bitanguye gushika," mwibuke, ibinivyatangura gushika gutyo, rero, "muzomenye ko igihe cegereje, kiri kurugi."

70 Nimwitegereze isiubwayo. Nimwitegereze isi, ni Sodomu, sodomu ugushoboka kwose. Mwihweze

abantuingene bononekaye ivyiyumviro aho kwononekara kugera. Ubwenge bwabobwarononekaye. Ntibazi urupfasoni ico ari co.mwitegereze abarengaamategeko…[Agace katavuga kuri bande —umwand.]… abahuza ibitsina babisangiyen'ibindi vyose.

Hama mwihweze abagore, ese ingene vyunyutse. Raba ukwunyukakw'inyambaro mbi, ubuhumbu mu bagore. Kandi bose s'aba…

Mugira ngo "Abo n'abametodisiti." N'abapentekoti nabo nyene.Ntawuvuyemwo.

Nimwitegerezeabagabo, aho kwumira kw' Ijambo ry' Imana, bumira kumigenzo kanaka idafashey'idini. Bumira kuri ivyo, aho gusohoka iyo babonye Imana Yimenyekanishijemuburyo butunganye. Impamvu n'uko ari impumyi. Ntibashobora kuBibona.Ntibazigera baBibona.

Ihweze rero ikiba muri ibi hano, bugingo tugira twihute.

Nibaza ko urya mupfasoni ashaka ko tugenda. Namubonyeazungagiza ikiganza, ikintu nkico co kwerekana ko ashaka ko dusohoka, vyobavyiza rero twihuse.

71 N'uko rero rabaHenoki, ikigereranyo c'Ishengero. Aha kandi arongera akagereranya n' igihec'indwi c'ishengero. Murashobora kuvyibaza? Igihe c'indwi c'ishengero! Ihweze."Igihe c' inzamba ya…"

Ni bangahe bizerako habayeho intwarabutumwa ndwi z'amashengero ndwi…? Yoo, turavyizeye twese,niba twizera Bibiliya.Niba tutizera Bibiliya, nta nkeka, ko tutavyizera,murabona. Yamara, harabayeho…

Ubu tubayeho mugihec'indwi c'ishengero. Kandi iyo Bibiliya Ivuze ko, iki gihe c'indwi c'ishengero,"Igihe umumarayika w'igihe c'indwi c'ishengero azoba atanguye kuvuza inzamba y'Ubutumwa bwiwe, ko amabanga y' ibintu vyose vyasobanganye, mubihe bitandukanye,vyohishuwe muri ico gihe." Turabibona hano, wa Mwana w'umuntu aje mubantu biWeAgakora neza na neza, Akemeza Ubutumwa nk'uko Yavuze ko Yobigenjeje. Turabibonahano, muri iki gihe ca nyuma.

Rero, hamwe na vyabiringo ndwi vy'abateramyi, nka babateramyi ndwi, b'igihe Yaza, ntiyaje kumuteramyi wa mbere, canke uwakabiri, uwagatatu, uwakane, ariko yaje kumuteramyiagira ndwi. Uwo yari Henoki, uw'indwi yajanywe. Nowa nawe akaba ikigereranyoc'amasigarira y'abayuda, n'uwuzojabutswa. Rero, mugihe ca Bibiliya, bavuga ibiringo vy'abateramyi. Ijoro ntiryaririgabuwe mumasaha, mu gihe ca Bibiliya.

72 Ubu rero mwumvirizeneza. Kuko ubu ngira nihute, kuko iyi nyubakwa bayikeneye. Oya. Bibiliyantiyari igabuwe, nako—nako…

Ijoro ntiryaririgabuwe mu masaha, igihe ca Bibiliya. Ryari rigabuye mu biringo vy'abateramyi.Hari ibiringo vy'abateramyi bitatu. Rero, ikiringo ca mbere catangura guheraisaha zitatu gushika isaha zitandat. Ica kabiri catangura guhera isahazitandatu gushika isaha icenda. Maze ikiringo ca gatatu c'ijoro caharurwaguhera isaha icenda kugeza isaha cumi na zibiri. N'uko dusanga aribitatu, gatatu incuro zitatu, bica bitanga icenda, igitigiri kidatunganye. Reroduca dusubira inyuma ku ndwi kubw' Izamurwa, rikaba rizoba, uko ndavyizeye,hagati y'isaha cumi na zibiri n'isaha imwe…nako hagati y'isaha cumin a zibirin'isaha zitatu, igitondo kimwe. "Kukw inzamba y'Umwami izovuga."

Ico gitondo ciza kizira ibicu aho abapfiriye muriKristo bazova mumva,

Basangiye na We ubwiza bw' ukuzukakwiWe;

Aho abatoranijwebiWe bazokoranira mu nzu zabo mw'ijuru,

Igitabunicasomwa, nzoba ndimwo.

73 Ijambo izamurwa, muri Bibiliya ntirinakoreshana rimwe. Iryo jambo twarishizeho ukwo. Bibiliya ivuga, "guterurwa, bizananyehejuru." Dusoma hano mu b'I Tesalonike ba kabiri…nako ab'I Tesalonike ba mbere,n'urutonde rw' iri Zamurwa rihambaye rizoba mu misi y'iherezo. Umviriza ibihano. Tugiye gutangurira hano mn'umurongo wa 13:

…singombako muyoberwa, beneData, ivy' abasinzira, ngo ntimubabare nka ba bandi badafise ivyizigiro.

Ukotwizera…Kristo yapfuye akazuka, abe ari ko twizera yukw abasinziririye muriYesu, Imana izobazanana na we.

Ikini co tubabgira, n'ijambo ry'Umwami, yuko twebge abariho, dusigaye gushitsa kukuza kw'Umwami wacu, tutazozibira…(Iryo jambo kuzibira risigura "kubuza") abasinziriyena gatoya.

Kuk'Umwami ubgiwe azoza, amanutse…

Ubu mwumvirize neza:

…Umwami ubgiwe azoza, amanutse avuye mw ijuru,azananye n'akamo, hamwe n'ijwi ry'umumarayika mukuru, n'…inzamba y'Imana. Maz'abapfiriye muri Kristo ni bo bazobanza kuzuka;…[Hisunzwe Bibiliya y'icongerezayitiriwe umwami Yakobo —Umus.]

74 Ubu ndashaka komubona ikintu gihambaye kiba ngaha. Ntimugihushe. Murabona? Murabe ubu rero.Ijambo rivuga ngaha, mub'I Tesalonike ba kabiri, ko hari ibintu bitatu.Mwihweze. Kuva kumurongo wa 13 gushika kuwa 16, hari ibintu bitatu bitegerezwagushika imbere y'uko Umwami ubwiWe Aseruka. Mububangutsi rero, kugira dusozere.Murabona? Ica mbere gishika…Itegereze : ijwi rire, ijwi, inzamba. Reka tuBisomeubu nyene turabe niba ari vyo. Murabona?

Kuko Umwamiubgiwe (umurongo wa 16) azoza,amanutse avuye mw ijuru, azananye n'akamo, hamwe n'ijwi ry'umumarayika mukuru,n'…inzamba y'Imana…

75 Ibintu bitatu biba:Ijwi…Akamo, ijwi, inzamba, bitegerezwa kuba imbere y'uko Yesu Aseruka. Rero,akamo…Yesu Agira ivyo bitatu vyose igihe Ari —Ari —Ari —Ariko Aramanuka.

Akamo, akamon'igiki? Ni Ubutumwa bwamamazwa, ubwa mbere, Umutsima w'Ubugingo muzima uvyaraUmugeni.

Rero, Imana Irafiseukwo Ikora ibintu. Kandi ntiYigera Ihindura ingingo ngenderwako zaYo. NtiYigeraIhindura ingi…N'Imana Idahinduka. Muri Amos 3:7, Yavuze ko ataco Izokora kw'isi Itabanje kugihishurira abakozi baYo abavugishwa. Kandi nk'ukoYabisezeranye, ata nkeka Izobikora.

76 Ubu rero, twabonyeibihe vy'ishengero. Ariko twasezeraniwe mu misi y'iherezo, twisunze Malaki 4,ko hobayeho ukugaruka ubugira kandi, umuvugishwa mu gihugu. Nivyo. Mwihwezekamere yiwe, uko yobaye ameze. Yama ari…

Imana Ikoreshaiyo mpwemu incuro zitanu: rimwe muri Eliya; muri Elisa; muri Yohana umubatizi;mu guhamagarira Ishengero gusohoka; no kumasigarira y'Abayuda. Incuro zitanu,"ubuntu," Y-e-e-e [Mu congereza J-e-s-u-s—Umus.], u-k-w-i-z-e-r-a [Mu congerezaf-a-i-t-h—Umus.], kandi n'igitigiri c'ubuntu. Murabona? Neza cane.

77 N'uko, mwibuke,Ubutumwa bwarasezeranywe. Kandi igihe aya mabanga yose yobaye yarasobanganijwen'akagwi k'abarongozi b'amadini, bizosaba u —umuvugishwa avuye ku Mana bukwi nabukwi abihishura. Kandi ivyo nivyo Yasezeranye gukora neza na neza. Murabona?

Rero, mwibuke,"Ijambo ry'Uhoraho riza ku muvugishwa," ntiriza kumunyatewolojiya.Umumvugishwa, n' ikiyo kigaragaza Ijambo ry'Imana. Ntaco ashobora kuvuga;ntashobora kuvuga ivyiyumviro vyiwe bwite. Ashobora kuvuga ivyo Imana Ihishuyegusa. Wanashaka no ku muvugishwa Balamu igihe yagerageza kugurwa, kugurishauburenganzira bwiwe, yagize ati "Vyogenda gute ngo umuvugishwa uwo ari we weseavuge ikindi atari ico Imana Ishize mukanwa kiwe?" N'ikintu Imana Ikora,kuburyo atakindi ushobora kuvuga. Kandi uba ariko wavutse. Ni nk'ukoutoshobora…

78 Iyaba washoborakuvuga uti "si-si-sinshobora kwugurura amaso," kandi uriko urakanura. Murabona? Ntivyokunda. Ngo ntushobora kugorora ukuboko kwae kandi ubishobora. Murabona?Ntushobora kuba imbwa mugihe uri umuntu. Murabona? Niko waremwe, ntabindi.

Kandi ImanaYamye naYone, mu bihe bitandukanye, biciye kuri Yesaya, Yeremiya n'abandi bose,Eliya, mubihe vyarenganye. Igihe umugwi w'abarongozi b'amadini babababadabanganije vyose, Yaca Irungika umuvugishwa, Ikamuhagurutsa atawari amuzi.Akaba ategukira uruhande na rumwe muvyo baba barimwo, maze akavuga IjamboryaYo. Agaca areka kwongera kugaragara, akaba yigiriye, baba ari abagabobumutse bahagarara ku Kuri k'Imana. Kandi igihe cose nico caberekana. Yagizeati "Nihaba muri mwebwe umuntu wa mpwemu canke umuvugishwa…"

79 N'uko, abavugishwa…Harabaho"ingabire y'ukuvugishwa n'Imana" mw' Ishengero; yamara umuvugishwa abayarategekanijwe mbere kandi yaramaze gushingwaa imbere y'igihe kubw'iyo saha.Murabona? Ego cane. Rero, nimba ubuvugishwa busohotse, hategerezwa kuba babiricanke batatu bicara bakabusuzuma ko ari bwo canke atari bwo, imbere y'ukoishengero ribwakira.

Yamara ntamuntuyicara imbere y'umuvugishwa, kuko yaba —yaba ari Ijambo ry'Imana ata nkeka.Yaba ari Ijambo mu gihe ciwe. Umubonye wabona Imana Imugaragariramwo. Rero,Imana Yarasezeranye kumuturungikira ubugira kandi mumisi y'iherezo, ngo akureUmugeni muri ako kajagari k'amadini, mu buryo bumwe bwonyene bushoboka.

80 Ntibizigerabikorwa; ishengero ntirishobora kwakira Kristo. Twebwe, abapentekoti,ntidushobora kubandanya dutwara ubu Butumwa mu kuntu ishengero rimeze uyu musi.Ni gute tuzoshobora igihe c'inherezo bameze uko bameze uyu musi, mugihe umwewese arwanya mugenziwe, n'ibindi vyose nk'ivyo, kandi bikabera mubarongozib'amadini? Yoo, bireteye akagongwe! N'urudubi. Vyaramaze gucika

ivy'amadinigusa. Kandi igihe cose…Ndasavye uwize ivya kahise wese ku —kumpinyuza. Igihecose haje ubutumwa mw'isi, kandi igihe baba babugize idini, bwaca bupfa ubwonyene. Kandi na Pentekoti yakoze kimwe nivyo abandi bose bakoze, abo pentekotiyari yasohotse ivamwo.

81 Mwebwe, abomw'idini ry'amakoraniro y'Imana, igihe b aba so banyu na ba nyoko basohoka bavamuri ayo madini kera, muri ya nama nkuru ya bose ya kera, barasemererabagahimbaza Imana, maze bakavuga barwanya ivyo bintu. None muhindukira, "nk'imbwaisubiye ku vy' idashwe, n'ingurube isubiye kwivurunga mu vyondo," kandi mwakozevyabindi nyene nabo bakoze. Ubu naho muri abanyedini, kurugero rwaho muzibiran'umutima wimbabazi. Utegerezwa kuba ufise ikarata y' umunywanyi kugiraushobore gukorana namwe, nahone bigoranye.

Mwebwe, abanyabumwe,Imana Yarabahaye ubutumwa nk'ubwo, hanyuma aho mwobandanije, maze mukigumiramuciye bugufi mukabandanya muja imbere, vyabaye ngombwa ko mudehukirwamugatunganya umugwi wanyu. None mugeze he mwese? Muri mugatebo kamwe mwese. Ukwon'ukuri.

Mpwemu w'Imana We, Aguma Aja imbere. "Jewe UhorahoNararuteye. Nzoruvomera, ijoro n'umurango. Ngo ntihagire uwu…" Yarashinze koibi bintu vyobayeho, kandi Itegerezwa kurungika Kino.

82 Ica mbere kiza,igihe Atanguye kuanuka Ava mw'Ijuru, habaho akamo. N'igiki? N'Ubutumwa, bwokwegeraniriza abantu hamwe. Ubutumwa bubanza kuza, ubwambere. Rero, igihe cogutegura amatara, "Ni muvyuke mutegure amatara yanyu." Hari kumuteramyiwakangahe? Uw'indwi, atari uwa gatandatu. Uw'indwi, "Nguyu Umukwe Araje, nimuvyuke mutegure amatara yanyu." Baca baravyuka. Bamwe muri bo basangantamavuta na makeyi bafise mumatara yabo. Murabona? Ariko n'igihe co guteguraamatara. N'igihe ca Malaki 4. N'iki Yasez-…Ni Luka 17.Ni —ni Yesa-…Kugira ubwobuvugishwa bwose buje murutonde kubwa kino gihe, muvyanditswe, turabubonabubayeho aho nyene. Nta…

83 Murabona ibi bintubishika, mweneData nkunda, mushikanje. Igihe, Imana Yo mw' Ijuru Irazi konoshobora gupfira aha kugicaniro ubu nyene. Wa —wari ukwiye gutembera gatoyingaho.Ni…birarenze urugero, iyo ubonye Imana Imanuka Iva mw'Ijuru, Igahagararaimbere y'imigwi y'abantu, Igahagarara aho, Ikidondora nk'uko Yamye Ibigira.Kandi ukwo n'ukuri, n'iyi Bibiliya yuguruye. Murabona? Nivyo. Turi hano.

Kandi umukorerew'ikidini warapfuye. Karabaye. Ntuzigera wongera kuvyuka. Uzoturirwa. Nikomugira umuguruka mu murima. Ni muwuhunge. Mwinjire muri Kristo. Ntimuvuge, ngo"Ndi umumetodisiti. Ndi umubatisiti. Ndi umupentekote." Injira muri Kristo.

Niba uri muri Kristo, nta jambo na rimwe ryanditswe Hanontuheze ngo uryizera. Ntaco bitwaye ico uwundi wese yoba yaravuze. Aho reroImana Ica Igaragaza ico kintu. Kuko, wewe, iyo Isutse Mpwemu kw' Ijambo, hacahaba iki? Ni nko gushira amazi kurundi rubuto rwose. Ruca rumera, kandi rukazokwamank'ukw ubwoko bwarwo buri.

84 Wovuga uti "Ndafiseumubatizo, Mpwemu Yera." Ivyo ntibisigura ko wakijijwe, haba na mba.

Itegereze hano. Uriikiremwa nyabutatu. Niko uri. Imbere muri uyu muntu muto hano hariyo umushaha,igikurikira n'impwemu, hanyuma n'umubiri. Rero, ufise inzira nyumviro zitanumuri uyu mubiri, kubw'ukugira imigenderanire n'aho ubaye ho kw'isi. Izo nzirantahandi zishika. Ufise inzira nyumviro zitanu z' impwemu ngaha: gukundan'agatima mpembero, n'ibindi, vy'ukwo. Ariko imbere hano niho uba. Ico nicouri.

Yesu ntiYavuze ngo"Imvura irwira ababi n'abeza"? Shira igifashi aho hanze, ushire n'urugano haryahanze, maze ubisukekw amazi, ubishire mw'ifunbire n'ibindi nk'ivyo, mbegantibizobeshwaho n'amazi amwe vyompi? Ata nkeka. None, n'ibiki? Kimwe muri ivyokizama ibifashi, kuko atakindi kiri. Igifashi kizoduza ibiganza gisemerere nezana neza nk' uko urugano rugira.

85 Mbega Bibiliyantivuga ngo "Mumisi y'iherezo hazoza aba Kristo b'ikinyoma"? Kandi rero, si "baYesu b'ikinyoma". "Ba Kristo b'ikinyoma," abasizwe, basizwe vy'ikinyomakubijanye n'Ijambo; basizwe vy'ikidini, si bijanye n'Ijambo.

Kuko, Ijambo RiZishingira intahe. Ntakindi Rikeneye.RiZishingira intahe.

"Kandi hazoza abasizwe b'ikinyoma." Murafise ibandeyanje kuri ivyo. Kandi uwo wasi-…

Ese igihe wohamagara umwe muri bo,ukavuga uti "yewe, wewe, uri Yesu ? "

"yoo, ntana gato." Ntibovyihanganira.

Arikoiyo ari ukuvuga ngo "yoo, Imana Ihabwe Icubahiro! Ndafise isigwa!"Kandi ribaari isigwa nyaryo. Mwibuke, Kayafa yari arifise, nawene, kandi yaravugishijwe.Nk'uko na Balamu yari arifise, kandi yavugishijwe.

Yamara ivyo ntaco bipfana na hano, imbere mumuntu. Kiretse niba urworwari urubutwo rw' Imana,

akagera kaYo katoranijwe, kuva muntango, ivyawe bibabiheze. Ntaco bitwaye ukwo wosemerera, ukwo wovuga mu ndimi, ukwo wokwiruka,ukwo wosemerera. Ivyo ntaco bipfana.

Igifashi kirashobora kugira agacironeza na neza nk' abindi bose. Narigeze kubona abapagani bahaguruka,bagasemerera, bakavuga mu ndimi, ba —bagaca banywera amaraso mugahangak'umuntu, hanyuma bakambaza umurwanizi. Murabona? Rero, ntimu…Ivyo vy'ibishikashikan'bindi, ni muvyibagire.

N'umutima wawe muri iryo Jambo, kandi niryo Kristo. Ni murishireyo, mazemwirabire ingene Ryimenyekanisha, igihe Riba Ryiyuguruye nk' urundi rubutorwose, maze Rikigaragaza kubw igihe Ririko rirabamwo.

86 Luteri ntakindi yari gushobora kuzana atariakaronge. Abo bandi nabo bari bashoboye kuzana ivyo bindi. Ubu turi mu gihec'urugano.

Abo kwa Luteri, b'abaLuteri nyabo bategerezwa kuzana Luteri nyawe. Aba Pentekoti nyabo bategerezwa kuzana Pentekoti nyayo.Ntakindi. Yamara twaramaze kurenga ico gihe, kandi turabandanya.

Ubwo Murazi, koishengero rya Katorika, ryatanguye ari irya Pentekoti? Kandi iyaba ishengerorya Pentekoti ryomaze imyaka ibihumbi bibiri, ryozoba rimeze nabi gusumvya ukoishengero rya Katorika rimeze ubu. Ukwo n'ukuri. Ivyo ndabibwiye beneData nabashikanje, abo nkunda. N'Imana Irabizi. Yamara mwibuke, bagenzi, ko ntegerezw a kuzohurira namwe hakurya ku rubanza. Kandihashobora kutaba kera cane. Ntegerezwa gushingira intahe ivy' ukuri.

87 Igihe najana namwemu bikorane, ngasengera abarwayi, vyari vyiza. Ariko rero, igihe naza nzanyeUbutumwa! Niba Ubutumwa ubwaribo bwose butanzwe, bukaba ari Ubutumwa bw' ukuri…

Niba ari ibitangaza vy'ukuri, nyavyo vy'Imana, mazebikigumira muri iryo dini, mumenye ko bitazoba vyavuye ku Mana, kuko ico kintucaramaze gutangazwa.

Yesu Yaraje Akiza abarwaye, kugira Akwegere amaso yabo,Akwegere abantu, haca hakurikira Ubutumwa bwiWe. Nivyo.

Hategerezwa kuba hari ikintu Imana Igira Izane.Igira…Ugukiza kwa kimana, Ibatangaza vyaYo nk'ivyo, birakwegera amaso y'abantu.Ica Nyamukuru cavyo buba ari Ubutumwa. Ni co kiba gihari, ikivuye hano imbere. Iba Iriko Irarondera kwemererwan'abantu, ngo bicare baYumvirize, murabona, kuko harimwo bamwe muri bobateguriwe Ubugingo.

Zimwe mu ntete, z'ingano, zaguye kw'isi ryumye, inyonizirazinobagura. Maze izindi zigwa mumahwa. Hama izindi zari, zagiye mw'ivu ryateguwe,ivu ryateguwe imbere y'igihe, maze zirama.

88 Rero, nico kintu cambere, n'ukuvuza inzamba. Ikintu cambere n'inzamba hamwe n'…nako ijwi… Akamo;hanyuma ijwi; hanyuma inzamba.

Akamo: intwarabutumwa itegura abantu.

Ica kabiri n'ijwi ry' izuka: ryajwi nyene, ryo, ijwirysemereye muri Yohana mweranda 11:38-44, ryahamagaye Lazaro ari mu mva.

Kwegeranya umugeni; hanyuma izuka ry'abapfuye, murabona; ngobateruranwe naRyo. Rero mwihweze ivyo bintu bitatu biba. Igikurikira n'igiki?Yari inzamba. Ijwi…Akamo; ijwi; inzamba.

89 Rero, ica gatatun'inzamba, ikaba, igihe cose, ku Musi mukuru w'Inzamba, yahamarira abantu kuzakumusi mukuru. Uwo nawo azoba ari Amazimano y'Umugeni, Amazimano y'Umwagazi Arikumwe n'Umugeni, mw'irere. Murabona?

Ikintu cambere kizan'Ubutumwa bwiWe, buhamagara bwegeraniriza Umugeni hamwe. Igikurikira n'izukary' Umugeni asinziriye; a —abapfuye, mubihe bindi vyarenganye, bafatirwa hamwe.Hanyuma inzamba, Umusi mukuru mu majuru, mw' ijuru. Yemwe, ico nico kiba,bagenzi.

Aho nyene nihoturi, twiteguye ubu. Ikintu kimwe gusa, Ishengero ryasohotse, ritegerezwa kwanikirwaimbere y'Umwana [ijabo ry'icongereza 'son' risigura umwa w'umuhungu, rivurwakumwe na 'sun' risigura izuba —Umus.], ngo ryere neza.

Ca kimashini gisarura kizoza, mugihe kiri imbere. Uruganoruzoturirwa, ibitumbatumba, yamara intete zizegeranirizwa mukigega wiWe.Murabona?

90 Ntimuri impumyi. Mu—muri abantu bakwije ubwenge.

Kandi hamwe noba nahagaze hano nkavuga ivyo bintu kugira ngondababababaze? Nabivuze kuko ari Ubugingo, kuko imbere y'Imana negwa no kuBivuga.Kandi ntegerezwa kuBivuga. Kandi Ubutumwa bwanje…igihe cose namye nzi, kuvakera igihe co gukiza kwa Kimana n'ibindi nk'ivyo, ko vyari ivyo

gukwegeraabantu, nari nzi ko Ubutumwa bwotinze buza. Kandi ng'uBu hano. Hamwe na yaMashashara Ndwi yugururwa, ayo mabanga, no kwerekana ko ivyo bintu arivyovyabaye. Sinari ndabizi.

Ariko harihoabagabo bahagaze aha nyene kano kanya, bari bahagaze hamwe nanje. Aho mwanyumvamwese mvuga bwa butumwa ngo: Bashingantahe,Ni isaha zingahe? Ako gatondo, neza na neza aho Vyari vyavuzwe ko VyobayeBiri, aho hari Abamarayika ndwi bahagaze aho nyene, bavuye mw'Ijuru. MazeBariko Baraduga, agashururu kaBaduganye hariya, natwe duhagaze, twihweza BarikoBaragenda, abashakashatsi barafashe ifoto yaCo, mubihugu bitandukanye gushikaepfo muri Megizike.

91 Kandi hariya, igihenariko ndihweza, umusi umwe, igihe natangura kwigisha ibi bihe ndwi vy'ishengero, nca nterefona Jake More, umunyatewolojiwaahambaye, nti "Jake, Uwu muntu Ahagaze aho ni nde? 'Hari Uwusa n' Umwana w'umuntu Ahagaze aho, Afise imishatsi year nk' ubwoya bw'intama.'" Nca mvuga nti"Yari Umusore, ni gute Yogira imishitsi year nk' ubwoya?"

Aca avuga ati"mweneData Branham, uwo wari umubiri wiWe wahawe ubwiza." Ivyo ntivyanguyeneza.

Ariko aho naja mucumba ngatangura gusenga, Yaramenyeshejeivyari vyo. Murabona?

Namye igihe cosenigisha ko Yari Ubumana, ntiYari umuntu gusa. Yari Imana Igaragajwe mu mubiri:Imana, Imero y'Imana, y'urukundo; imero zihambaye zamanutse, zikagaragazwa hanokw isi, z' Imana. Yesu YAri urukundo rw' Imana, rwagize umubiri Yesova ubwiWeYabayemo. Yari ukunengesera kw' Ubumana mu mubiri. Ico Imana Yari Iri, nicoYagaragaje biciye muri urya mubiri. Urya mubiri wategerezwa gupfa, kugira ngo Ashoborakwoza Umugeni n'AyiWe —n'AyiWe —n'AyiWe maraso.

92 Kandi mwihweze,s'uko Umugeni yogejwe gusa, yahariwe, ariko kandi yaratsindanishirijwe.Murabona? Mwoba mwarigeze mugerageza iryo jambo gustindanishirizwa, ngo mubone ico risigura?

Rero, nk'akarorero, iyaba mweneData Green yarumvise ko namyenywa inzoga, ko namye nkora ibintu bibi, hanyuma agasanga ntavyo nakoze, hamaakaza ngo "ndaguhariye mweneData Branham."

"Urampariye? Ntavyonigeze nkora. Umpariye kubiki?" Murabona? Ariko niba nagirwa navyo, aho reronoshobora guharirwa; yamara simba ndaba uwurorotse, kuko narabikoze

Ariko ijambo gutsindanishirizwa ni "nk'aho atavyo wigezeukora namba." Gutsindanishirizwa! Ahorero Amaraso ya Yesu Kristo aratwoza icaha, gushika aho gishirwa mu gitabu cokwibagira kw' Imana. NiYo Yonyene Ishobora gukora ivyo.

Twebwe ntavyotwoshobora. Turashobora guharira ariko ntidushobora kwibagira. Noshoborakuguharira, ariko imisi yose nguma nibuka ko wankoreye ivyo bintu bibi. Ahorero, ntuba ugorototse; uba uhariwe.

Yamara imbere y' Imana, Umugeni yaratsindanishirijwe. NtavyoYigeze Akora, kuva mu ntango. Amen. Ahagararize aho, yashingiwe wa Mwanaw'Imana munyangeso nziza. Ntiyogeze acumura kuva ubwa mbere hose. Kuki?Yarabiteguriwe imbere y'igihe. Yabaye bugwe mumutego wavyo. Ubu nahoyarumvise Ukuri aca araza, Amaraso yaramwejeje. Kandi ahagaze aho, ariumunyangeso nziza. Murabona? We, ntacaha kimuriko, nta na mba.

93 N'ukorero, Ubutumwa buhamagara Bwegeraniriza Umugeni hamwe, murabona, akamo. Mazeinzamba…

Wawundi nyene,We, N'ijwi rirenga, Yarasemereje ako kamo hamwe n'ijwi, maze akangura Lazaro.N'ijwi rirenga yarasemereye, "Lazaro, ngw' ino." Murabona? Kandi ijwi rikangura—rikangura Umugeni asinziriye, abapfuye basinziriye.

Inzamba nayo,"hamwe n'ukuvuga kw'inzamba." Kandi, igihe ivuze, irahamagara. Igihe cose,inzamba yahamagarira Isirayeli mu Musi mukuru w' Inzamba. Murabona? Ukaba, wariUmusi mukuru wa gipentekoti, wa musi mukuru uhambaye wo mw'ijuru; n' Umusimukuru w' Inzamba. Ubu naho, inzamba iratangaza umutumiro wo gukoranira hamwe,"Ni muze mu Musi mukuru." Kandi ubu ni a —amazimano yaw a Mwagazimw' ijuru.

Reromwihweze: Ugukoranira hamwe ; n'Umugeni ; Umusi mukuruw'Inzamba ; Amazimano y' Ubukwe. Twabibonye mubigereranyo. Ubu rero mwihwezegato imbere y'uko turangiza. Mwitegereze. Twabibonye mubigereranyo.

94 Rero,niba mwifuza gusoma muri Matayo 18 :16, Havuga ngo "Hari batatu bashingaintahe," murabona, muri Butumwa bwiza bwanditswe na…muri Yohana wa mbere5 :7, kubandanya. Bitatucama ari icabona. Siko none? N' ukwemeza, ikintu co. Ivyabona bitatu birashingaintahe. "Ijambo ryose rizokwemezwa biciye mukanwa k'ivyabona bibiri cankebitatu."

Rero mwihweze. Twaronseivyabona bitatu. Gatatu n'icabona. Rero, Haramaze kubaho amazamurwa

atatu mw'Isezerano rya Kera. Mwari mubizi? Nk' icabona. Ubu rero ni murabe. Henoki ryaririmwe; Eliya ryari irindi; hama Yesu ryari irindi.

Yesu, kukw' AriWe Buye shimikiro [ibuye ro hagati mw'irembo rifise iforoma y'urugori —umus.],rero, Yarashinze intahe. Murabona? Yari Ibuye shimikiro hagati y'Isezerano ryaKEra na Rishasha, kuko Yabwirizwa kubanza gupfa maze Akabona kuzamurwa.Yarapfuye; [Arongera] Aba Muzima maze aragendagenda hano kumwe natwe; hanyumaArazamurwa. Kuko, Yari Ibuye shimikiro ryafataniriza ivyo bibiri hamwe.inyumay' izuka ryiWe n' izamurwa…Mwitegereze. Amaze kugira ivyo, Akavyemeza, Isezerano rya Kera ngaho. Twese turazi koHenoki yahinduwe. Turazi ko Eliya yaduganywe n'agashururu, mw' ifarasiy'umuriro. Yesu nawe Yarapfuye, Arahambwa, Arazuka maze Arabaho aha kw'isi,maze munyuma Arazamurwa, Ibuye shimikiro. Hari Bitatu, kugira bishinge intahe?Sivyo?

95 Rero, harabayehoizamurwa rimwe ryamaze kurenga. Ivyo murabizi? Ivyo, reka turabo ko tutoshoborakubisoma, tunyarukije. Dufate Matayo, Ikigabane ca 27. Maze dufate hafikumurongo wa 45 wa Matayo, ikigabane ca 27. Reka turabe ko tutohabona vubabwangu, maze turabe ko —ko tutoshobora kuhakura akantu, kodufasha, vuba bwangu.27:45, ndavyibaza, navyanditse hano. Dusome.

Uhereyekw isaha ya gatandatu ubgirakabiri bukorana mu gihugu cose gushitsa kw isahay'icenda…

Nkokw isaha y'icenda Yesu asemerera n'ijwi rirenga, ati Eli, Eli, lama sabak…?risobanurwa ngo … Mana yanje, n'iki kikumpebesheje?

Bamwemu bahahagaze bavyumvise, baravuga, bat' Uyo ahamagaye Eliya.

Umwemuri bo aca arirukanga yabira sipongo, ayuzuza inkarisha ayirungikisha irenga,arayimusomesha.

Arikwabandi bati Banza ugume: turabe ko Eliya yoza kumukiza.

Yesu yongera gusemerera n'ijwi rirenga,umutima ...

"Ijwi rirenga."Ijwi rirenga! Mwitegereze.

Igihe Yesu, ArikoArapfa, Yarasemereye n'ijwi rirenga,umutima uraca.

Igihuzugikingiriye ahera cane h'urusengero gitantamukamwo kubiri, uhereye hejuruugashitsa hasi; isi iratigita; ibitandara birasaduka;

imva ziruguruka, imivyimba myinshiy'abera bari basinziriye irazurwa;

bava mu mva amaze kuzuka, bashika mugisagara cera, babonekera benshi.

96 Izamurwarimwe ryararenganye.

Atatuyarabaye mw'Isezereano rya Kera, y'abari biteguye, abo Ijambo ry' Uhoraho ryajeko.Murabona ? Ijambo ry'Uhoraho ryaraje kuri Henoki. Ijambo ry'Uhorahoryaraje kuri Eliya, umuvugishwa wiWe. Murabona ? Ijambo ry'Uhoraho YariYesu. Murabona ?

Mwihwezemw' Isezerano rya Kera, ba bera bo mw' Isezerano rya Kera rero, iryo zamurwarimaze kuba. Raba umurongo wa 50. Ijwi ryiwe rirenga ryarakanguye abera bo mw'Isezerano rya Kera neza na neza nkuko rya jwi risemerera ryakanguye Yesu…nakoryakanguye Lazaro. Murabona ? Ijwi rirenga ryakanguye.

Mazeirya kabiri rishika mu b' i Tesalonika ba kabiri, ikigabane ca kane. Rekaducisheko amaso, tuhasome. Duhejeje kuhasoma, haciye iminota mike. Murabona?

Ariko bene Data, ntitugomba ko muyoberwaivy' abasinzira …, ngo ntimubabare nka …

Ni Ab'ITesalonika ba mbere 4:12 gushika 18. Iryo, iryo rizoba Izamurwa rya kabiri.Izamurwa rya kabiri rizoba ukunyakurwa kw'Umugeni.

97 Aberabo mw' Isezerano rya Kera barinjiye mu Nyonga ziWe, iparadizo irafutwa. Maze abera bo mw' Isezerano rya Kerabaraduga, igihe ijwi ryiWe ryasemerera, aho Yasemerera hanyuma umutima ugaca;kubera ko (iki?) Ikimazi, impongano y'ivyaha vyabo bari barindiriye, bizeye kowa Mwagazi utunganye Wariko Uraza. Bari baratanze Ikimazi, wa Mwagazi. Kandiigihe Yapfa maze umutima ugaca, Yarasemereye n'ijwi rirenga, abera bo mw' Isezeranorya Kera baca barikangura.

Mwitegereze akamon'ijwi ngaho, co kimwe n'igihe c'Ukuza kwiWe. Murabona?

"Umutimauraca." Kandi igihe Yacikana, ikimazi cari gitunganye, maze iparadizo ikurwamwoabayirimwo bose. Abera bo mw' Isezerano rya kera baciye basubira kuza kw'isi,baratembera kw' isi, baca binjirana naWe mw' iramurwa ryiWe.

98 Dawidiyaravuze, hariya, "Ni mwigire birebire, mwa nzugi z'ibihe vyose, ngo haguke." "Yajanye

iminyago, Ahaingabire abantu," kandi abera bo mw'Isezerano rya Kera binjiranye naWe.

Baravuze bati "Uwo Mwami wo kugororoka ninde ? "

"UhorahoNyen' ingabo zihambaye, Ni we Mwami w'ubgiza." Ingabo zihambaye, ng'izo ziraje,zitambuka gisoda. "Yesu Yarajanye iminyago," kandi nguWo Arashitse, hamwe n' abera bo mw' Isezerano rya Kera. Baca binjira mumarembomashasha Hariya hejuru, bavuga bati "Ni mwigire birebire, mwa nzugi z'ibihe vyose, ngohaguke ; Umwami w'ubgiza ngw ashike. "

Ijwirica riva munzu rivuga ngo "Uwo Mwami w'ubgiza ni nde?"

"UhorahoAhambaye mu ntambara." Imiryango ica iriyugurura. "Maze Yesu, Umuneshi, Acaajana iminyago," bamwe bari baraMwizeye, kandi Ijambo ryari ryarabajeko.Hariya, niho abera bo mw'Isezerano rya Kera bari baryamye, barindiriye, « Yajanye iminyago, Adugamw' Ijuru, » Yafashe abera bo mw' Isezerano rya Kera Aca Arinjira. NgiryoIzamurwa rimwe, rimaze kurengana.

Izamurwa rikurikira riba ni (Ab'i Tesalonika ba kabiri)kubw'Ishengero, Umugeni ategerezwa kuzuka, akazamurwa mu Bwiza. « Twebweabariho tugisigaye, » iyo n'imibiri isigaye kw'isi, « ntituzitangiraimbere canke ngo tuzibire abasinziriye. Kukw inzamba y' Imana izobanza kuvuga,maze abapfiriye muri Kristo bazozuka. » Murabona ? « Maze twebweabazima tugisigaye tuzoteruranwa nabo. »

99 Ejobundi, narimpagaze mu nfuruka y' ibarabara. Kandi na—nari mpagaze ku —nari mpagaze munfuruka y'ibarabara nihweza ikarashishi y'Umusi mukuru wo kwibuka uguhagarikaintambara [uhimbazwa itariki 11 z'ukwa 11 —Umus.]. Kandi aho ryaduga, rijanaibarabara, nari mpagaze aho hamwe n' agahungu kanje, Yosefu. Haraje, ubwambere, zari za burende za kera zo mu ntambara ya mbere y'isi yose, twat uburende twa kera. Inyuma yazo haje za burende zihambaye zo mubwoko bwa Shermanzo muntambara iheruka, na vya muzinga bihambaye hamwe n'iminwa yavyo, biriko a—akugara umunwa, n'ibindi.

Inyuma y'aho,haje abasoda; a —a —abagore bo mw'ishirahamwe ry'Inyenyeri y' Izahabu[Ishirahamwe ry'aba nyina b'abasoda ba Amerika baguye kurugamba —Umus.]. Mazehaca haza igicapo kiriko n'… inyuma…N'uko, inyuma haje igicapo, kandi kuruhanderw'imbere hari imva, ngo "kubw'umusoda atazwi." Kandi hari u —umusoda ahagazeaho, acunze nya mva. Aho kurundi ruhande hari hahagaze umusoda agwanira mumazin'imusozi, kurundi ruhande naho hari uwurwanira mu biyaga binini. Maze hagacahacapwa urugabano. Kurundi ruhande naho hari hicaye umugore wo mw'ishirahamwery'Inyenyeri y' Izahabu. Yari yabuze umuhungu. Hari hahagaze umugore akirimuto, aryamitse umutwe kumeza, ariko ararira. Iruhande hari akana kagahungu kambayeimpuzu zitabaguritse; amosozi atemba ava mumaso hako. Kari kabuze se.

Nca nibaza nti"Mbega umubabaro! Mpagaze hano ndaba, ndababona, bashaje, bakeyi gusa mu basodabasigaye; batambuka mw' ikarashishi aho, bamugaye kandi bashaje, gutyo, bambayeimyambaro y'igisoda yabo, ariko bakaba banezerewe kuzerekana kuko bariabanyamerika."

Ncanibaza nti "Ewe, Mana Yanje!"

100 Umusiumwe, hazoza uguturika kuvuye mw' Ijuru, "Maze abapfiriye muri Kristo bazocababanza kuzuka." Abo bera bo mw' Isezerano rya Kera hariya, barindiriye, bazosaturamaze baveyo ubwambere, maze baje mw' izuka. Tuzoca dusimbira mumurongo ubwonyene, tuje mu kirere; iyi mibiri ya kera ipfa yahinduwe igahabwa kumera nk'umubiri wiWe w'ubwiza. Mbega i —ikarashishi izohaba igihe izoba iriko igendaigana ijuru, umusi umwe wa vuba, muri uwo mwanya w' izamurwa uri imbere, yoo,banezererewe kwerekana Amaraso ya Yesu Kristo kubikiriza vyabo, Ubutumwa bw'Imana mu gihe babayemwo. Ico nico gihe tuhanze amaso, mweneData.

Murabe,mugihe turiko turaheraheza rero. Izuka rya kabiri, bose…Irya mbereryararenganye. Irya kabiri riregereje, kano kanya, rigiye gushika vuba rero.

Rero,irya gatatu ni vya vyabona bibiri vyo mu Vyahishuwe 11:11 na 12. Bakaba, abo nibo bagaruka, bafise Mpwemu wa Kristo, gushingira intahe abayuda, nka kumweYosefu yayishingira benewabo. Kandi mwibuke, "Imivyimba yabo yamaze imisi itatun'igice irambaraye mw' ibarabara. Hanyuma impwemu y'ubugingo ibinjiramwo, bacabarazamurwa, baduganwa mw' Ijuru."

Ngayoamazamurwa atatu mufise mw' Isezerano Risha.

Amazamurwaatatu yo mw'Isezerano rya Kera; yararenganye yose.

Ubuturiteguye, turindiriye amazamurwa, Izamurwa ry'abera. Vyaravuzwe, kandi nikoBizoba. Iyo Imana Ivuze ikintu ic'ari co cose, "Amajuru yose n' isibizorangira, arikw iryo Jambo ntirizigera rinanirwa."

101 IgiheImana Yavuga hariya mw' Itanguriro 1, Yavuze Iti "Ni habeho umuco," kandi vyobavyaramaze imyaka amajana imbere y'uko habaho umuco na mukeyi. YavuzeIti "Ni habeho igiti c' ikigazi. Ni habeho igiti c'umweloni. Ni habehoubugaragwa. Ni habeho umusozi. Ni habeho kino."Yarabivuze, murabona. Kandi igihe cose caba cavuye mu kanwa kaYo, mw' Ijambo,gitegerezwa kugaragazwa. Gitegerezwa kubaho.

Igihe…

Maze igihe kimwe, Yarahamagariye abantu baYogusohoka. Kandi Yari Yavuganye n'umugabo yitwa Mose, biciye mu Nkingiy'Umuriro, Umuco; Umuriro Mweranda, Wera. Kandi Mose ntiyari…Abantu ntibarikobarizera Mose, Ica Ivuga ngo "Bazane kuri uwu musozi."

Ako gatondo, umusozi wose wari wuzuye Umuriro,n'imiravyo, n'imituragaro nk'ukwo. Abantu baca bavuga ngo "Imana ntIvuge. Mosenabe ariwe avuga,"murabona, "kugira ntiduhone."

Imana Iravuga Iti "Sinzosubira kuvugana nabogutya, ariko Nzobahagurukiriza umuvugishwa. Maze Mvugire muri we, kandi icoavuze kizoshika. Muze muheze muCumvire, kuko Ndi —Ndi kumwe nawe." Rero,Yaravuze ivyo.Yavuze ko vyoshitse.

102 Mwitegereze uyu muvugishwa, Yesaya, ahagazeaho; umugabo, umugabo w'incambwenge, umugabo yari azwi neza n'umwami, kuko yariyarabanye na Uziya. Wa mwami, umwe yari umuntu ahambaye, aca ashaka gufataikibanza c'umuvugabutumwa, igihe kimwe, aca arinjira, maze aca akutishwaimibembe.

Kandi ivyo nivyo nabwiye abarwizatunga.Ntimwigere mugerageza gufata ikibanza c'abavugabutumwe. Eka, daa. Ni mwigumireaho muri. Murabona? Mukore igikorwa canyu, ico Imana Yashize, Yababwiye gukora.Niba uri urutoke, ntuzigera ubu ugutwi. Niba uri ugutwi, ntuzigera uba izuru,izuru canke aijisho. Murabona? Guma mu kibanza cawe.

Mwarumvisebwa Butumwa, ejo bundi, kw' iradiyo : KugeragezaGukorera Imana . Dawidi, umwamiyasizwe. Abantu bose basemerera bongerabiha akamo ngo "Vyari bikwiye". Ariko atigeze abaza umuvugishwa w'Imana. Haca harapfa umuntu, vyose biba bironeonekaye. Ntugerageze gufasha Imana. Rindira gushikaigihe c'Imana kigeze. Reka bize mu buryo bwaYo bwo kubikora. "Ngiyegutanguza ikintu kinini iki n'iki.Kizoca gikora iki n'iki."Uragabe, mweneData.

103 Rero,Dawidi yavyirengagije abizi. Natani yari mu gihugu, ico gihe. Ntayaniyigezeagishwa inama, nta na mba. Murabona? Yahanuje abagabisha b' amajana n'abibihumbi. Abantu bose barasemerera, bakiha akamo, bagatamba. Aho ku...Baribafise ugushwabaduka kw' ibijanye no gusenga kwose, ariko ntivyari mu murongonomu rutonde rw' Ijambo ry' Imana, kandi ntivyagenze neza.

N' ikindi cose, kitabaye mu murongono murutonde rw' Ijambo ry' Imana, kizonanirwa. Ijambo ry' Imana gusa niRyoRizokwama Rihangamye. "Amajuru n'isi bizohera, arikw Ijambo ryaNje ryos'ukwo."

104 MwihwezeYasaya, uwo musore w'incabwenge ahagaze aho. Bukwi na bukwi, Mpwemu aramufata.Nta gitandukanye yashobora kuvuga. Yari umuvugishwa. Yavuze ati "Ehe,inkumi izosama inda." "kuk' Umuhungu Atuvukiye; Umwana Aravytse,duhawe Umwana w' Umuhungu. Azokwitwa Umujanama, Umwami w' amahoro, ImanaMushobora vyose, Data Ahoraho. Impera ya...Ubutware buzoba kubitugu vyiWe.Impera ya...Ingoma yiWe ntizohangura." Ni gute uwo muntu akoreshejeubwenge yari kuvuga kw' inkumi yosama inda.

Abantu bose bari bavyiteze. Vyari vyamazekuvugwa. Yari NIK' UHORAHO AGIZE. Vyategerezwa gushika, kuko ryari Ijambo ry'Imana. Nka kumwe vyari bimeze mw' Itanguriro, igihe Yatera za mbuyo musi y'ikiyaga, igihe "isi yar' ikiri I buziba,yarik' ubusa gusa; amazi yari hejuru y'idamba."Murabona? Vyategerezwa gushika. Kandi umusi umwe, inyuma y'imyakaamajana umunani, inda y'inkumi yaribungeze Imbuto y' Imana, Imbuto yaremwe. Icaivyara Umuhungu.

UwoMuhungu nyene Yarahagaze aho, umusi umwe. Aravuga Ati "Lazaro, sohoka." Kandiumuntu yari amaze imisi ine apfuye, yamaze kubora, izuru ryacokeye, anuka,yarasohotse. Yavuze ngo :

Ntimutangazwe n'ico; kukw igihe kija kuza, (Amen.) ah' abari mu mva bose bazokwumvira Ijwi ry'Umwanaw'Imana,

Nuko rero,vyaramaze kuvugwa. Bitegerezwa gushika gurtyo nyene. Hazobaho Izamurwa. Yewe gayewe!

105 Ndibuka, Ubutumwabwanje bw'ubuheruka I Kaliforoniya, aho nari nibaza ko ntazigera nsubirayo,igihe nabivuga bitaraba, ngo "Losajelesi izokwibira mu kiyaga. NIK' UHORAHOAGIZE." Hazibira. Akaho karabaye. Ntaco hasigaranye. Vyaraheze. Ryari ? Sinziumwanya, ariko hazibira. Neza na neza inyuma y'ivyo, za nyamugigima zaciyezitangura kunyiganza no gukebanya.

Mwibuke, benshi murimwebwe bagabo, mwari muhagaze aho, ca gitandara, wa musi aho wa MumarayikaYamanuka hariya. Na wa Muco n' Umuriro bigakoroka biva mw' Ijuru, impande ya cagitandara aho twari duhagaze hariya. Ibitandara vyashibuka biva mumisozi,bikagwa hirya no hino. Vyaturagaye gatatu, n'inkomezi. Nca mvuga nti "Urubanzarugiye guhushura Inkengera y'I Burengero." Inyuma y'imisi ibiri, Alasikayahazwe kwibira.

106 Mwibuke, Iyo Mananyene Yavuze ivyo, Yavuze ngo "Losanjelesi ntigikira." Kandi karabaye. Sinzingo ni

ryari. Ntaho noshobora kubabwira.

Sinari nzi konabivuze. Ariko uyu mweneData hano, nibaza ko yari…Oya. Nibaza kwar' umwe muribene Mosely, yari yanjanye kw'ibarabara rimwe hariya. Sinari nzi ivy' ari vyogushika aho nahindukira kuraba. Nahindukiye kuraba mi Vyanditswe.

Kandi Yesu YavuzeAti "Kaperinawumu, Kaperinawumu, ni kanga…We wihimbaje…" (nako) "…widugije mw'Ijuru, uzokororwa ikuzimu. Kukw iy' ibikomeye vyakorewe muri wewe, bibavyakorewe i Sodomu, haba hagihagaze na bugingo n'ubu." Kandi hafi imyaka ijanana mirongo itanu inyuma y'aho, (Sodomu yaza, iri mukuzimu) Kaperinawumu nayonyene iri mumazi, uno musi.

107 Kandi Uwo Mpwemuw'Imana nyene Yavuze ivyo bintu vyose, kandi Yakoze ivyo vyose, Yavuze ngahongo " Ewe, wa gisagara, Kaperinawumu, wiyise izina ry' Abamarayika,Losanjelesi, ese ingene widugije gushika mw' Ijuru! Naho uri we muzi n'intebeya Satani,"( Murabona?) "Wishize hejuru."

Abavugabutumwa, n'imva kuri bo. Abantu beza barajayo bagaca bapfa nk' imbeba. Mbega urudubi !

"We wiyita izina ry'Abamarayika; iyo vyakorerwa i Sodomu, ibihambaye vyakorewe muri wewe, habahagihagaze n'ubu. Yamara isaha yawe yageze."

Mubirerekemurabe. Nibitashika, Nzoba nd' umuvugishwa w' ikinyoma. Murabona? Hari harya.Hahagaze harya.

108 Ndibuka rya joro,imbere y'uko mbona ivyo, narabonye iyerekwa ry' imbere y' igihe ry' Umugeni.Nari mpagaze aho nca mbona umwigeme muto mwiza cane, yambaye neza, n' ibindi,atambuka gisoda agana ururuhande.Hariho Umuntu Ahagaze impande yanje, mw' iryo yerekwa. Nca ndabona.Baca bavuga ngo "Iyerekwa ry' Umugeni ry' imbere y'igihe." Nca ndaMubona arengana.Bazananye muri uru ruhande, bacabarakata.

Narumvise bigarutsekandi, a —amashengero aje azananye muri uru rundiruhande. Haje ishengero ryo muri Aziya. Yoo, umucafu bwoko ki! Haza ishengerory'i Buraya. Yewegaye we! Maze nca numva umuziki wo mu bwoko bwa roke urikouraza, yari Misi Amerika [umukobwa yatowe kw'arusha ubwiza abandi muri Amerika—Umus.] , ishengero, kandi ntagahuzu na kamwe yari yari yambaye. Yari yambayeibipapuro, bimeze nk' ibimenyeshamakuru, bisa n' umunyota, abifatiye imbereyiwe, agenda aratamba umudiho wa roke; Misi Amerika, ishengero.

Narahagaze aho muNyonga ziWe. Naribajije nti "Ewe Mana, nk' umuvugabutumwa, niba ivyo ari vyovyiza vya mbere twashoboye gukora? Yoo! Yoo! Murumva ingene bibabaje. Maze ncandiyumvira nti "Mana, mpisha. Iyo nshobora kuva hano. Niba ivyo vyose twakoze,bikaba ari birya twoshikako, niba ari ivyo?"

109 Hanyuma rero, igiheabo bagore barengana, bose ama roke y' ubwoko bwose n' ibindi, n' imishatsimigufi, no mumaso hasize ibirangi. Kandi barenganye nk' ukwo, bari bategerejwekuba amasugi kuri Kristo. Kandi ingehe yarengana nk'ukwo, Naciye mpindukizaumutwe, murabizi, nfashe kino imbereyanje. Vyari —vyari akamaramaza, mu mugongo habo. Kandi bari aho, barikobaragenda nk'ukwo. Nca ndahindukiza umutwe, ndiko ndarira, nk' uku.

Mvuga nti "Si—sinoshobora kuvyihanganira hariya. We Ahagaze aho, nanje nkaba nzi ko jewe,umuvugabutumwa w' Ishengero, uwo niwo mwumbi naMuronkeye." Nti "Ewe Mana,ntavyo noshobora kuraba. Reka nipfire. Reka —reka nkamangane," nk'ukwo.

Kandi bikirengana,igihe cose umwe muri bo aje, baca basohoka bakaja mu kibanza kanaka, hanymabagakoroka bakazimangana. Nasigara numva urwamo rwabo rurerangana.

Maze nza numvaikivuga nka Muze, Mwabahizi ba Kristo.Ndavye, nsanga haje umurwi mweranda w' abigeme bato neza na neza nk' ukwo baribameze, bose bambaye mu buryo bubereye, imishatsi yabo ibegera hepfo ku mugongo. Biyoroheje, basukuye, batambukagisoda nk'uku, ku ntambwe z' Ubutumwabwiza. Yari Ijambo. Vyasa nk'aho hari umwe umwe yavuye muri buri gihugu. Narikondavyitegereza bariko bararengana, ndababona barengana. Aho gukoroka baciyebatangura kuduga.

Narabonye umwemuri bo agerageza, babiri canke batatu bagerageza, kuva mumurongo. Ndasemereranti "Guma mu murongo!" Maze iyerekwa rica riramvako. Kandi nari mpagaze mucumba, nsemerera ngo "Guma mu murongo!" Umurongo, u…

110 Ndibaza, vyoba vyaramazekurengana? Mbega mugeni Yoshobora kuba amaze guhamagarwa? Vyoba ari vyo turikoturacamwo uyu musi?

Ategerezwa kubumbwa akagira ishusho ya Kriso, kandi Kristo n'Ijambo. N'ico co nyene. Murabona? Biri Ngaho, mw' Ijambo. Ni…Murabona? Ntanakimwe gishobora kwongerwako. Ntashobora kuba u —

umugora afise ukuboko kumwe nk'ukw' umuntu, n'ukundi kuboko gufise ikinono nk' ic' imbwa. Bitegerezwa kubaneza na neza Ijambo ry' Uhoraho, nk' uko naWe ari Ijambo. Umugeni n' igice c'Umukwe. Umugore n' igice c' umugabowiwe, kuko yakuwe mu mugabo. Eva yari igice ca Adamu cakuwe mu rubavu rwiwe.Kandi n' Umugeni niko Ari, ntiyakuwe mw' idini, ariko Yakuwe mu imber mw'Ijambo ry' Imana ry' iki gihe.

111 Izamurwa !

Inzamba y' Umwamiizovuga, abapfiriye muri Kristo bazoca bazuka,

Basangire ubwizabwo kuzuka kwiWe;

Ah' abatoranijwebazokoranira Iwabo hirya y'ibicu.

Igitabunicugururwa mw' ijuru, reka twese tugerageze kuzoba turimwe, bagenzi.

Imana Ibahezagire.Vyaravuzwe, bitegerezwa gushika, bizoshika. Kandi gato…[Agace katavuga kuri bande—Umw.]

Mwabantu mwe, ntan'umwe ashaka gupfa. Nta n'umwe ashaka gu —gutakara. Reka ndababwire. Ivyowokora vyose…Ntaco bitwaye ingene uja kw' ishengero neza, n' ingene wubahirizaivy' ishengero. Ivyo ni vyiza; ntaco ndabinegura. Utegerezwa kuja kw'ishengero. Bikore. Guma uja kw' ishengero. Ariko, ivy' ari vyo vyose, sn'ushiburire hirya imigenzo yawe maze ubandanye utera intambwe uduga uja muriKristo. Kuko, igiye kuvuga muri iyi misi ya vuba, kandi uzosangwa ufiseikimenyetso ca cagikoko kuri wewe, hanyuma ntuzomenye ico ari co gushika ahohazoba hararengeranye. Ukwo n' ukuri neza na neza.

112 Imana Ibahezagire.Mumbabarire kuba nabagumije. Kandi mwibuke. Natumye baguma ngaha umwanya muninicane. Ni vyo. Kandi rya shikanwa mwantoreje…Iryo, ntavyo nari nagusavye gukoraivyo, mweneData. Ni, kuri jewe, n' uburwaneza. Ni murifate murihe kino kibanzau —umwanya warenzeko, kuko nije nakigumije. Nari ngifise ibintu bike hano.Ndafise hafi impapuro umunani canke cumi zindi kuri iryo Zamurwa ngaho, yamaranta mwanya na —nari nfise wo kubitanga. Imana Ibahezagire.

Mbega murakundaUmwami Yesu? Ubu reka duhagarare akanya gato, dutekanye, twubashe, kandimwibuke ivyo navuze. Mwibuke, turi mu masaha yanyuma.

Aha mu mahanga biranse,Isirayeli yavyutse;

Eh-ibimenyetsovyahanuwe na bibiliya;

Imisiy'Abanyamahanga iraheze, Yuzuy-amaganya

“Garuka, mu bawe,wewe washwiragiye”

Umusi w'ugucungurw-uri hafi.

Eh-imitim-ifis-ubwoba.

Ni wuzure Mpwemu, Tegur-itara;

Rangamiza ! Ugucungurwa kwawe kuregereje.

Ivyo murabizi?

Abavugishwa b' ibinyoma bariko barashesha, Bahakany-Ukuri kw' Imana,

Ivyo vyose turazi kw' ari vyo. Siko ? [Agace kagaragara kw'ibande. —Umwand.]

NdaMukunda,NdaMukunda

Kuko Yabanjekunkunda

Akariha ikiguzic' agakiza kanje

Ku giti c' IKaluvariyo.

Ni bangahe baMukundavy'ukuri? Muduze ikiganza. Ubu rero, nshaka ko mu…, mu gihe tuzoba turikoturayiririmba kandi, uramukanye n' umuntu ari hafi yawe. Uvuge uti “ImanaIguhezagire, ngenzi.” Turi ingenzi. Siko ? Ingenzi n' akavantara.

NdaMukunda,

Ni vyo, ku rundi ruhande rw' imeza nyene.

NdaMukunda

Kuko Yabanjekunkunda

Akariha ikiguzic' agakiza kanje

Ku giti c' IKaluvariyo.

113 Murashaka kuja mw'Izamurwa? Ni bangahe bitwararitse kuja mw' Izamurwa? Vuge muti "Mana, ndashakakuRijamwo, n'umutima wanje wose."

Gumya Ukuboko kudahinduka kw' Imana, iyondirimbo murayizi? Urayizi, mushiki wacu? GumyaUkoboko kudahinduka kw' Imana. Sinzi iyo…ruri hehe, iyo? Ehh?

Gumya Ukubokokudahinduka kw' Imana!

Gumya Ukubokokudahinduka kw' Imana!

Ushingireivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya Ukubokokudahinduka kw' Imana!

Mwayikunze ?

Kw'iherezory'urugendo,

Niba warabaye umwizigirwa ku Mana,

Inzu yawe mu Bwiza izoba ari nzizakandi ikayangana;

Umushaha wawe wazamuwe uzoyibonera !

Gumya Ukuboko kudahinduka kw' Imana!

Gumya Ukubokokudahinduka kw' Imana!

Ushingireivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya Ukubokokudahinduka kw' Imana!

Ndabasabe munamike imitwe yanyu akanya gato, none.

Ntiwifuzeubutunzi bw'aha mw'isi ataco bumaze,

Bubora budatevye,

Nurondere ubutunzi bwo mw'Ijuru,

Butazigera buhera namba !

Gumya Ukuboko kudahinduka kw' Imana!

Gumya Ukubokokudahinduka kw' Imana!

Ushingireivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya Ukubokokudahinduka kw' Imana!

114 Mucunamitse imitweyanyu, kandi mwiyumvira kuri ibi, tuzi yuko twunamitse imitwa yacu tuyerekezakw' ivu, iryo twakuwemwo, umusi umwe tuzorisubirayo, uzi yuko ufise umushahamuri wewe uzotegerezwa kwishura imbere y' Imana. Kandi niba wumva ko utiteguyekoko kubw' Izamurwa, hamwe ryoza iri joro, ukaba ushaka kwibukwa mumasengesho,duza ikiganza cawe. Nta kibanza dufise co guhamagara abaza kugicaniro.Igicaniro cawe kiri mu mutima wawe, ukwo biri kwose. Duza ikiganza. ImanaIguhezagire, na wewe, na wewe. Yoo!

"Ndumvantiteguye, MweneData Branham! Nsha —nsha —nshaka vy'ukuri kuba umkristo.Naragerageje kumuba, ariko igihe cose hagama hariho ikintu kibura. Nda —ndaziko nta —ntari aho nategerezwa kuba."

"Gira imbabazi, Mana. Ndadugije ikiganza.Ngirira imbabazi."

Ubu, ibiganza nkamirongo ibiri canke mirongo itatu vyamaze kudugizwa, muri uyu mugwi muto.Biriko biriyongera.

115 Mana dukunda, Uraziikiri inyuma y' ico kiganza, hariya ibwina musi y'umutima. Ndasenze, Manadukunda, bashaka gukizwa. Barabishaka, vy'ukuri. Nti —ntibashaka bene ibi vy'ibishobisho gusa, ivyo biremera, ivy' umukorere kanaka w' ikidini, inemerakanaka, umutegekere kanaka wongeweko. Baratahura, Data, ko bisaba Ijambo ry'Imana rityoroye, ritari ikivange. Ibindi vyose bizovaho, n'amajuru

n'isibizovaho, ariko Ryo ntiRizovaho. Kandi nitwaba iryo Ijambo, isi izovaho musiyacu, ariko twebwe ntituzoigera dushobora kuvaho, kuko turi iRyo Jambo, Umugeniw' Umukwe.

Ndasegeye umwe wese,ngo Ubahe, Data, niryo sengesho ryanje rivuye kumutima. Kandi umbabarire, Data,ku kuuba ntatekanye kano kagoroba, narukanze nza hano ncerewe, kandi —kandi njugumira,nkavuga aya majambo acikaguritse atanatondetse neza. Raba uko Ubigenza, MwemuYera Ahambaye, Ayamatanye mu buryo bwaWebwa Kimana, maze Ayashikirize imitima y'abantu, Ayakuye mu mutima wanje, hamwen'impamvu n'intego mfise mu mutima kubwaWe. None ntUza kubikora, ga Mwami? Kandi Ukize abashobora gukizwa. Wikwegereko, Mwami. Maze tube abaiteguye kubwaya saha yo kuzamurwa yegereje cane. Kuko Ndabisavye mw' Izina rya Yesu. Amina.

ImanaIbahezagire.

Ubu na ho,umuyobozi w' igi —w' igikorane.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7